# Igihe C'Ishengero Rya Sarudi

Jeffersonville, Indiana, USA

09 Kigarama 1960

1 …umwami.Mwene Data yariko arambarira kohariho utu dutambara, ko ari utw'umuntu ariko aricwa na kanseri. Reroturaja kubisengera mu kanya gato. [Mwene Data Neville avuze ati : "Hariho imitwaro ibiriaho ku rundi ruhande." -Umw.] Imitwaroibiri? Ni neza, ndaja... ["Umwe muri yo. Umwe niwo ariumutwaro."] Ni vyiza, mushingantahe. Ndayishira hano kugira ngo nayo nyene ndayisengere.

2 Hariho umuntu ahejeje kumenyesha ikintu kuvyerekeye, yaje ngaha hanyuma aramenyesha ibijanye na…ibijanye n'ibikoranevy'ejo. Mwebwe mwaje kutugendera hano, vyotunezereza vy'ukuri hamwe mwogaruka ejo inyumay'umutaga, isaha y'umunani, ejo inyuma y'umutaga, hazoba hariho igikorane cokumviriza amabande. Ni mwaba mudafise ikindi kintu muzoba muriko murakora, bazovuzabumwe mu butumwa mu -mutari bwumve twongere tugire n'igikorane c'amasengesho, kandi-kandi turiteze ko tuzoba mu bihe vyiza ejo inyuma y'umutaga isaha umunani. Kubinyerekeye nzoba mfise akazi kenshi kuko ejo, murabona, ntegerezwa gufata kuw'iyinga mu gitondo, ndetse no ku w'iyinga ku mugoroba, n'ejo ku mugoroba, kandi, na kahise yose kuriayo mashengero.

3 Rero, ku w'iyinga mu gitondo, Umwami abigomvye,twiteze ibihe vyiza cane, kuko ku w'iyinga mu gitondo bizoba ari ivy'umwihariko,bizoba bisa nk'ivy'umwihariko kuva ku wa gatandatu ku mugoroba… kizoba ariigihe c'Ishengero rya Lawodikiya. Ariko ku w'iyinga mu gitondo, ngombakuzofata: Za nkumi zisinziriye, be n'izuka, bamwe bane… vya bihumbi ijana na mirongoine na bine, hamwe n'utwo tuntu duto duto twose dufataniriza hamwe ubutumwakubwo ku w'iyinga mu gitondo. Igikorane kizotangura isaha zitatu. Ni vyo, gamwungere? Isaha zitatu zuzuye, ku w'iyingamu gitondo, aho dushaka gufata ivyo bintu vyose nka "Ni ibiki bizoshikira zankumi zisinziriye, kandi ni ibiki bizoba kuri za nkumi z'ubwenge? Zizongerakugaruka ryari? Canke bamwe ibihumbi ijana na mirongo ine na bine bazobonekahehe?" N'ibindi vyinshi nk'ivyo ku w'iyinga mu gitondo, kugira ngo tugeragezegufataniriza hamwe ivyo bintu vyose, kuko bijanye neza n'ubu butumwa. Hanyumaku w'iyinga ku mugoroba tuzofata wa mumalayika wa nyuma ahambaye n'Ubutumwakuri Lawodikiya, ku w'iyinga ku mugoroba, Umwami abikunze.

4 Nuko rero,ejo inyuma y'umutaga tuzoba dufise igikorane hano, igikorane c'ukwumvirizaamabande. Mwene Data Gene ahejeje kumbarira yuko bogira… yuko twotangura isaha umunanizuzuye ejo inyuma y'umutaga. Rero mwebwe bantu mukunda kuza kwumva ubutumwa, nogusenga mukikuje igicaniro, mwebwe muriko murarondera Mpwemu Yera canke ikindi,ni igihe ciza cane. Urusengero ni rwiza kandi rurasusurutse, rwama rwuguruye,kandi ruri ngaha kubwo umuntu wese yipfuza umwanya uwo ariwo wose kuza gusengano kurondera Umwami. Urusengero ruruguruye kandi rurabarorereye. Kandi turiko… tuzobatubiteze, tubivuge uko, tuzoba tubiteze ejo inyuma y'umutaga.

5 Cankeigihe cose mugomba kuza mu rusengero gusenga, ni muze, hama huguruye. Hamwevyoshika naho imiryango ikaba yugaye canke ikintu nk'ico, mwene Data, arabaivyo ngaha, aba harya hakurya y'ibarabara. Nibaza ko ari ku nomero 411, nibazako…Canke 811 (mbega ni…?) 811, ku ntambuko nkeya gusa uvuye hano ku rusengero,ku 811. Nta nkeka we, intuze…umugore wiwe ashobora kuba afise urufunguzobishitse bakaba bakwegeyeko umuryango hanyuma ukiyugara, ariko bawusigawuguruye kumbure mu gitondo, barawugurura. Canke, inyuma y'igikorane,barahugara ku mugoroba, kugira ngo abana ntibaze kuhakinira, murazi, ngo bahavebamena ibiyo n'ibindi; murazi ingene abana bameze, na cane cane muri kino gihe.Rero tuhugara kubw'iyo mvo. Ntidushima na mba kwugara umuryango w'urusengero igihena kimwe. Kumbure yuko rumwe rundi nirwasanurwa, tuzokora ku buryo bitameragurtya ico gihe, kandi natwe…harashoborakuzobaho umuntu ahaguma umwanya wose kugira ngo abantu bashobore kuza gusenga,kurondera ugukira indwara, no kurondera Mpwemu Yera.

6 Mwebwe,mudafise Mpwemu Yera mu bugingo bwanyu, nimuze, mugume ngaha, mugume aha ijororyose mubigomvye, ni mugume ngaha gushika mumuronse.

Ni nde yariko araririmba ngaha mu kanyagaheze ngo : «Imana irankikuje, Imana iri hose»? Ni -nibajije ko Izamurwa ryabaye ; jewe, nca nderaguzahose, ngo ndabe yuko bose ariho bari. Vyari vyiza cane vy'ukuri ; ivyondabikunda. Twokwihanganira kumva akantu nk'ako buri gihe cose. Ego,mushingantahe. Ni…Ninjiye hakiri kare kugira gusa ndayumvirize.

Narahomvyeizo ndirimbo zose ziryoshe muri ibi bikorane kubera ko niyumviriye ko kumbure… Oh,mfise akazi kenshi cane, murazi uko bimeze. Abantu -abantu baraza n'indege, n'amatereni,n'intuze… Nti -ntiwigera ubimenya, murabona, kuko wumva baguterefonye, bigasabayuko ugenda kubaraba, ukabonana nabo no kubasengera, ahantu hose. Ntivyigerabihagarara, no kugerageza kwiga kandi ; bituma iba ingorane. Ariko vyamabitunezereza guhura n'abantu no kubakorera ico dushoboye cose kuko ari…iyo niyontuze yacu…turi abakozi b'abantu bose kubw'Umwami Yesu Kristo dusukurira abantubiwe muri iki gihe. Kandi twipfuza gukora ibirenze ivyo dukora, arikontitubishoboye.

7 Hari umukoziw'Imana umwe yaje yihuta muri iki gitondo, yataye umutwe, amerewe nabi cane,umuntu mwiza. Rero kubera yari…yarengewe n'akazi kenshi. Yagize…Yariko yitegurakuvyuka, kandi agakobwa kiwe kari mu cumba, gaca gatangura kwizunguriza. Karikambaye agahuzu ko kuryamamwo gatukura;

yambariye ko ikintu ca nyuma yibuka ariakantu gatoya gatukura kaguma kazunguruka, kazunguruka, kazunguruka,kazunguruka, nk'uko. Aca arata ubwenge, murabona. Gurtyo rero baciye bamuzana vyihutirwa.Kubw'ivyo rero ni -ni akazi k'umurengera,murabona. Wi -wibuke ko wambaye umubiri kandi tu -tugomba… twibaza yukoumutwaro wose uri kuri twebwe. Ariko murazi, Imana irafise abakozi bayo ahantuhose ngo bitwararike ibintu bimwe bimwe muri ivyo, kandi kubw'ivyo turakora ukodushoboye kose. Ariko umukozi w'Imana mwiza agerageza gukora ivyo ashoboyevyose muri iki gihe ca nyuma kubw'Umwami wiwe. Koko jewe….Umwami yamubohoye ubwonyene, ubu ameze neza, yasubiye kuba muzima, uko bisanzwe, ameze neza, kandiyisubiriye inyuma, anezerewe.

8 Kandi,oh, hari ikintu kidasanzwe cashitse uyu musi. Sinagomba gutangura kuvuga kuriivyo bintu, ariko… Murazi, nabwiye umugore wanje, mvuga nti : "Hariho umuntu aza kuza hariya, azakuba ari umugabo, mugufi, munini afise imishatsi yirabura n'amaso yirabura;araja gusoma kirya candiko hanyuma ace atangura… ariko uce umuhamagara,murabona." Mvuga nti: "Kuko Umwami amufitiye ubutumwa." Nca ntora Bibiliya ndayizingurura,maze ndavuga nti : «Ngira nandike ibi bintu ngaha kugira ngo neza na neza uboneko ari co Umwami agomba ko akora."

9 Haraciyeimyaka umunani, Umunyapolonye, umwe ava muri Polonye, yarerewe muri Polonye… Mugikorane, hanyuma bavuga bati…canke nako Mpwemu Yera aramwitegereza,aramubwira, avuga ati : "Wazazaniwe gusa." Ico nico… Yibaza ko ari jewendabivuze, ariko yari Mpwemu Year abivuze. Bica bimugumamwo kuva ubwo,vyakabaye kera biramukwega bimukura mu Gisagara ca Kansas araza gushika hanomuri iyi nyubakwa ejo ku mugoroba, niho vy'ukuri yazazanirwa igihe yumvaivy'umubatizo wo mu mazi. Yaciye aja mw'ihoteri, hanyuma Mpwemu Yera aramubwiraati : "Haguruka hanyuma ugende hariya." Hari uwundi muntu yagomba kuzanana nawe, ariko yaravyanse kuko muri iryo yerekwa yari yaje ari wenyene. Murabona ?Kubw'ivyo rero… kandi we, nk'umuntu yisoneye amaze gusoma icandiko, acaatangura gusubira inyuma, umugore wanje aca aramuhamagara nca nja ku muryango, ncamvuga nti : «Ni -ni uwo nyene, mubwire yinjire."

Aca avuga ati : "None nokora iki?» Amazekubibona, yaciye ambwira ati : «Ubu rero ndabibonye."

Ndamubwira nti : «Ngomba ndakwereke iki kintu,kugira ngo ubimenye ubu, urabona." Mvuga nti:"Umwami yari yambariye ko uhavauza." Urashobora kumubaza. Nca mvuga nti: "Ubu rero, ng'ibi Ivyanditswe.Bisomere hano nyene imbere yuko ubandanya."

10 Neza, ubu ari ngaha kugira ngo abatizwe mw'Izinarya Yesu Kristo. None…?...Arashobora yicaye ngaha ubu nyene, uko ndabizi. Mbegawoba uri ngaha, ga mwene Data? Mwene Data, mwene Data ava w'Umunya Polonye? Huh?Ego, hariya inyuma, mu mfuruka ng'urya, egome. Haguruka…duza ukuboko kugira bashoborekukubona ngaho. Ni vyiza cane! Kubona Mpwemu Yera… Ivyo vyama vyashitse igihecose. Abantu benshi bibaza yuko amayerekwa aza gusa umuntu ari aha havugirwa ubutumwa.Oh, aho siho bihera. Uvyibazako iki, ga mwene Data Leo? Aho ari ho hose, murabona. Neza, iki ni ikibanza gito cavyo,ngaha. Aha ni ahantu habera bike cane. Iyohanze ivyo bishika ijoro n'umurango, murabona. Egome, murabaza umugore wanje,kandi we…canke abandi, n'umubanyi wanje hariya inyuma, mwene Data Wood n'abo bandibose bari hano. Oh, bagenzi! Ibi ni ibintu bitoya -bitoya hano; hariya nihohabera ibintu bikomakomeye. Kandi, nta n'igice cavyo kirigera kivugwa. Oh!Ndanezerewe cane kubw'ivyo, kumenya yuko Umwami wacu agiye kuza vuba kandi yukotugiye kuzohorana na We ibihe vyoseubwo; atari ibihe vyose, ariko ibihe bidashira, ibihe bidashira.

11 Rero,Umwami niyabigomba, ndizera yuko ari itariki cumi n'umunani, ku w'iyinga, indwiiza. Ku w'iyinga, indwi iza, itariki cumi n'umunani. Nahuye n'intambaraikomeye, Satani yagerageje kunteza aka gahiri gakwiragiye muri aka karere ikigihe, kandi nanje simpengeshanya kukamusubiza, nawe akongera akakampereza,nanje nkakamusubiza. Kubw'ivyo… kubw'ivyo rero naragize ico nokwita intambarantoya. Kumbure ko twe na we, tuzongera kunyinyurana mu ndwi iza. Hanyuma rero, Umwamiabigomvye, ku w'iyinga uza, itariki cumi n'umunani. Tuzogerageza kugiraibikorane vyo gusengera abarwaye kuko bari...ibikenewe bibandanya vyongerekanakandi hariho ibintu vyihutirwa cane turiko turagerageza kwitaho mu buryobwihutirwa uko dushoboye, ku masaha, amasaha yose y'ijoro abantu baraza bongerabagenda. Kubw'ivyo kw'igenekerezo rya cumi n'umunani, tuzoba dufise igikoranegisanzwe co gusengera abarwaye. Nimwaba mufise bamwe mu bakunzi banyu bashakako babasengera, murabazana, canke muzobazane ico gihe.

12 Rerohariho abantu benshi b'i Jeffersonville bariko barambwira, bavuga ko baje mumwanya mwiza wo kuza hano, nk'isaha cumi n'imwe, bavuga ko ata n'ibibanzabahagarikamwo imiduga yabo vyari bikiriho (canke isaha cumin a zibiri). Kubw'ivyo bo…Nabishuye nti : " Neza,mwebwe…aba ni bene Data batugendera bavuye hirya no hino, abantu, abakozib'Imana benshi." Mvuga nti: "Ba -barafata nkama inyigisho z'Ibi."

Tugeragezagusa kuvuga ku bintu nyamukuru. Hanyuma mu nyuma gato, tuzovyandika nk'igitabokugira mushobore kubisoma, kandi -kandi hari utuntu tumwe tumwe tuzokwongeramwo,kubera ko ku mugoroba… Mwarabonye yuko, kur'iyi migoroba iheze, nageragejekuziganya ijwi, murabona, kuko

nifuza kubikira inkomezi zanje igihe tuzoshika kubintu nyamukuru, aho uguhishurwa kwa Kristo kuzoba muri iki gihe, murabona, icokuri.

13 Rero ubu, imbere yuko dutangura gusomaIvyanditswe…Kandi ndazi yuko ejo ari umusi ukomeye w'ukudandaza aho twesedutegerezwa kuja gusuma ivyo ku wa gatandatu ku mugoroba. Kandi dutegerezwa kubikoraku wa gatandatu inyuma y'umutaga canke ku wa gatandatu mu gitondo, kugira ngoturonke umwanya ku wa gatandatu ku mugoroba wo kuza ku rusengero. Ni co gitumatuja kugerageza kubarekura kare kuri uno mugoroba kugira ngo ntimuzobe murushecane ejo kuja kubirondera, kandi mwongeremugaruke mu gikorane c'inyuma y'umutaga hamwe na bene Data hano kugira mwumvirizeamabande, ndetse -ndetse kandi no kubw'ejo ku mugoroba.

Ubu rero, mwoshobora guhaguruka gatoya kugira ngodusenge, nimba mubigomba.

Ndibaza, imbere y'uko dusenga, nimba hari umuntuhano afise umutwaro udasanzwe ukeneye amasengesho; n'ubimenyeshe mu gukirizaikiganza gusa. Imana irabibona. Ubu rero murabora nimba turi mw'isi irimwoimitwaro canke atayihari, bene Data. Ndabona ko nk'abantu mirongo icenda na batanucanke mirongo icenda n'umunani kw'ijana bo mw'ikoraniro bamanitse amaboko rerokubwo…. Ubu rero, mwibuke, ntimushobora no kwinyiganyiza Imana itabizi. Murabona?Irazi ivyo mwipfuza, irazi ivyo mwasavye.

Twunamike imitwe yacu:

14 Data nyen'ubuntu wo mw'Ijuru, kuri uno mugorobatwegereye Ukwera kwawe, Intebe yawe, biciye muri rya sezerano ryawe wavuga yuko wotwumvise. Kandiko turamutse twizera woduhaye ivyo dusaba. None turatuye amakosa yacu yose. Turatahura,Mwami, yuko tuta -tutabereye n'umuhezagiro n'umwe mu mihezagiro yawe. Nti -ntitubereye. Ntitubereyena gato, kandi ntituje nk'aho twoba -twoba tubereye canke nk'aho hoba hari ikintugikomeye twakoze. O Data, iyo turavye i Karuvariyo, ivyo bikura muri twebweiciyumviro cose c'uko duhambaye, kandi aho nta -nta wundi tuzi atari Kristo, kandi Kristoyabambwe. Kandi iyo tubonye yuko yazutse ku musi ugira gatatu nk'ukoIvyanditswe, kubwo gutsindanishirizwa kwacu, akagaruka inyuma y'imisi mirongoine mu mero ya Mpwemu Yera, kugira ngo abane natwe ku musi gushika azobonekaaserutse mu bicu mu gihe c'iherezo. Kandi turabona ko ico gihe c'iherezo kirikokiregereza cihuta cane ubu. Kandi turi abantu bahiriwe cane, Mwami, kubera yuko -yuko waduhaye ayo mahirwe adasanzwe.

15 Ndagushima cane, Data, ko iri koraniro ririkorirumviriza ryicaye n'imitima yunamitswe, kandi bumviriza…?... Kandi Mwami,ndagusavye ngo weze iminwa yanje kuri uno mugoroba, na buri mugoroba wose naburi gihe cose aho nzoba nje ku gicaniro cawe kugira ngo mbwire ihanga ryawe;kubera yuko, Mwami, ntuze wigere undeka ngo mvuge ikintu na kimwe kitariic'ukuri. Uracafise ububasha bwo kwugara iminwa nk'uko wabikoreye Daniyeli murirwa rwobo rw'intambwe. Kandi ni vyanshikira ngasha ka kuvuga ikintu na kimwekidahuje n'ukugomba kwawe, urugara akanwa kanje, Mwami, kugira ngo sindakivuge.Ushire ku ruhande ivyiyumviro vyanje; unshire mu nzira nziza, Mwami, aho ata kindindi buvuge atari Ukuri. Kuko nzi yuko kuri wa musi uhambaye aba bantu bazobabarindiririye hakurya ku ntuze…barindiriye bivanye n'igikorwa nabigishije. Niwaza gu -gutora imwe mu nyenyeri zawe,n'abamarayika bawe, abakozi bawe, abasuku bawe, bizoba ngombwa ko babanzakurtyororwa ubwa mbere bijanye n'ubu Butumwa twabigishije ngaha. Abakozi baweuzobibabaza.

Ubu rero Data, ndagusavyengo ureke Mpwemu Yera abe ari We avuga, ntihavuge umuntu. Ukebe imitima yacukugira ngo dushobore kumwumva. Nza kuba ndiko ndumviriza, Data. Ndasavye ngoukize abarwaye n'abababaye. Ivyo abantu bakeneye vyose, aho ari hose, reka ubuntubwawe n'imbabazi zawe bibane na bo. Wishure umutwaro wose wamenyekanishijwen'ikiganza camanitswe kuri uno mugoroba. Irya n'ino mu gihugu mu gihe harin'abandi benshi barwaye, ndetse n'abaserukiwe na tuno dutambara, hamwe n'iyimitwaro banditse iri musi y'ikiganza canje hano, reka Mpwemu Yera yishure, Data, maze akizeabarwaye. Vugana natwe aka kanya biciye mw'Ijambo ryawe ryanditswe, na MpwemuYera, tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen. Murashobora kwicara.

16 Ubu rero, kuri unomugoroba mu rusengero hameze nk'ahashushe. Ca gihe gihambaye ca Lawodikiya kiregereje.Kandi kuri uno mugoroba turashikiriye iki kindi gihe gihambaye c'ishengero kizakuba igihe ca -ca gatanu c'ishengero. Twarafashe igihe ca mbere c'ishengero,kikaba ari ica Efeso. Noshobora gusubira kubisoma mpereye ku ntango, naravyanditsevyose, rero nipfuza kongera kubisoma kuri mwebwe mwoba mwipfuza gusuzuma neza ivyo mwanditse.

17 Igihe ca mbere c'ishengero cari Igihe c'Ishengerorya Efeso, gihera mu 53 inyuma ya Kristo gushika mu 170. Paulo ni we yabayeinyenyeri yaco, kandi nico cabaye igihe ca mbere c'ishengero. "Ibikorwabitagira urukundo" nico Imana yabagaye.Impera yari "Igiti c'ubugingo".

Igihe kigira kabiri c'ishengero gihera mu 170kikagera mu 312, Ireneyo ni we yari intwarabutumwa y'ico gihe. Ico Imanayabagaye kwari uguha-…yari amarushwa, no guhamwa kw'ishengero. Impera yari "Igitsiboc'ubugingo."

Igihe kigira gatatu c'ishengro cari Perugamo,Maritino Mweranda ni we yari intwarabutuumwa kuri iryo shengero. Ico gihec'ishengero gihera mu 312 kigashika mu 606. Ico bagaweko zari "Inyigishoz'ikinyoma, ikinyoma ca Satani, ugushirwaho kw'umushinge w'inganji y'igipapa,n'ukwabirana kw'ishengero na Leta." Impera yari "manu yanyegejwe, n'ibuye ryera."

Igihe kigira kane c'ishengero cari Tuwatira; Kolombani we yabaye umumalayika w'ico gihe c'ishengero, intwarabutumwa; 606 gushika mu1520. Ico gihe caranzwe n'ubuzimire buva kwa Papa, Igihe c'Umwijima. (Hari ejoku mugoroba, murabizi, Igihe c'Umwijima.) Impera i -impera, yari "Ububasha bwo kuganzaamahanga, bo n'ikinyenyeri co mu gaturuturu," kuri uwo mumalayika.

18 Ubu rero, kuri uno mugoroba, turatangura igihec'ishengero kigira gatanu, ari co gihe c'ishengero rya Sarudi, S-a-r-u-d-I, Sarudi. Kandi intwarabutuumwakuri ico gihe c'ishengero yari Maritino Luteri, arazwi cane n'abiga Bibiliyacanke uwo mwigisha, canke n'abanyeshengero basanzwe nako, uyu musi. Kandi icogihe c'ishengero catanguye mu 1520hanyuma kirangira mu 1750, 1520 gushika 1750; ni igihe mu vyo twita "Igihe c'Ubugorozi." Ico kigawako ni "Gukoresha izina ryabo bwite.Kandi impera kuri bakeya bari basigaye, kwari "kugendana imbere yiWe bambayeimpuzu zera, no kuba amazina yabo yanditswe mu Gitabo c'Ubugingo ca wa Mwagaziw'Intama." Umwami aduhezagire mu gihe tugiye kubitandukira aka kanya.

Ubu rero turahera kumurongo wa mbere w'igice ca 3, w'iki gihe c'ishengero. Ubutumwa kuri Sarudi, cagihe c'ubugorozi. Abizera bake cane baribasigaye, bari hafi guherengetera.

19 Ubu rero, kuri bamwe muri bashasha, kumbure konovuga kuri iki hano, yuko…kugira ngo ntimusigare inyuma muri vyo. Ni incamake,kandi ikindi gihe tuzogera aho dushobora gushira ubutumwa bwacu ku… tuzobicapa,tuze inyuma y'umutaga kugira ngo dutomore ivyo bintu; kumbure ko tuzobikora kuw'iyinga. Rero, kimwe cose muri ibicerekana intuze…igihe c'ishengero: kimwe, bibiri, bitatu, bine, bitanu,bitandatu, indwi. Iki gitangurana na Filadelufiya…

Iki naco hano haruguru kigereranya inkomezi zo -zokuri Penekoti, canke ishengero ryarihokuri Pentekoti. Mu ntango ryari ishengero rinini cane, ariko baciye batangura i-i… Impwemu y'ikidini yarabajemwo, igerageza guhindura Ishengero idini; ni vyovyiswe "ibikorwa vy'Abanikolayiti." Murashobora kunyumva hiyo inyuma? Sa? Nezacane. "Ibikorwa vy'Abanikolayiti." Ico gihe ntiyari bwabe inyigisho. Hanyumatwarafashe Ijambo maze turerekana mw'ido n'ido, ico ari co "ibikorwa," n'icoari co "Abanikolayiti." Iri ni izina tutamenyereye, rero naciye mfata Ikigirikimaze ndarisorongora. Nikao risobanurango "kwigarurira canke kunesha canke gukombora ikintu." Nikolayiti, Layiti ni "ishengero, abanyeshengero basanzwe."Ubunikolayiti, i -ibikorwa vyarikobiragerageza gukombora abanyeshengero basanzwe, n'ugushira umugisha wose,kuvuga ko ari umuntu umwe gusa afise uburenganzira bwo gusoma Bibiliya, umwegusa wo kuyisobanura, yategerezwa kuba ari musenyeri, canke uwundi muntu kanakaw'umukuru w'ishengero.

20 Hanyuma twarabonye ko, mu gihe kigira kabiric'ishengero, ukunyohwa kwari gutanguye. Iyi iracari Pentekoti; iri naryo ni idini (d).

Hanyuma, mu gihe kigira gatatu, Perugamo, gatitiba,Pentekoti yasa n'iyamaze gukurwaho rwose. Ariko inyigisho z'idini zari zavuye kukuba "ibikorwa" hano zirabandanya zigera kuba "inyigisho" ngaha. Hanyuma icogihe barabiranye neza na neza hano. Barabiranye! Intuze…uwu mugwi hano wariwanesheje imigwi ya pentekoti.

Rero uburyo ndiko ndabivugamwo, bene Data, ni ukurikutagabanije. Birahuje n'ivyanditswe vyeranda bivuga ivya kahise. Ibitabo bivugakuri ya Nama Nkuru y'i Nikeya, Igitabokivuga abishwe bahorwa gushingira intahe Kristo ca Fox, n'izindi nzandikozose zikomeye za kera. Ndafise inzandiko zimwe zimwe za kera cane zandikishijweintoke. Kandi kimwe kimwe cose… Ibi ndabivuze ata ntuze…Simvuze ko ndiUmupentekoti. Ivyo ntibisigura ko... Iyo mvuze « Pentekoti,» simba mvuzeiri dini ry'iki gihe turimwo. Na ryo rifise ivyo ryagirizwa nk'ayo yandi yose. Arikongomba kuvuga Pentekoti nyakuri, Mpwemu Yera w'ukuri w'Imana hamwe n'Inyigishoy'inkomoko, hamwe n'imihezagiro y'inkomoko, hamwe n'amazina y'inkomoko, hamwe n'ibintuvyose neza na neza nk'uko vyatanguye ku ntango nk'uko vyabandanije muriBibiliya.

21 Ubu rero, mu gihe tugeze kuri iki gihe, murabonaaho ivya Pentekote bigeze. Murashobora kubona neza hiyo inyuma ? Ni vyizacane. Rero, ng'iki kiraje, ejo ku mugoroba,twarabonye ivy'ico gihe gihambaye turimwo ngaha, yari…yasavye bano Bakristohano (bamwe bari bafise inyigisho y'Abanikolayiti) ko bomusengera kugiraatsinde urugamba kanaka; ngo azoca aba Umukristo. Muri ico gihe aho yari kurugamba, yarose inzozi ko yategerezwa… Biciye ku musaraba wera washizwe imbereyiwe, yumva ijwi rimubwira riti : « Uzonesha kubw'uwo.» Kandi uko niukuri. Ni ho rero yaca akangura ingabo ziwe hanyuma acapisha imisaraba yera kunkinzo, kandi aho niho havukiye canke niyo yabaye intango ya wa mugwiw'Igikatolika, uyu musi, witwa Abahizi bagendera ku mafarasi ba Kolumbasi.

22 Rero-rero, Konstantino, hariho… ntushobora gutoraikintu na kimwe mu kahise, cerekana ko yigeze ahindukirira Imana. Nta kindiyari ari kiretse umunyepolitike gusa w'umubeshi. Yari afise mu mutwe

iciyumviroco -co gufatanya ubwami bwiwe no kubukomeza. Kubw'ivyo we ubwiwe, nk'umupagani,yasenga ibigirwamana; amaze kubona ko inyigisho z'Abanikolayiti zasa n'izamaze kunyohaibindi vyose, yaciye akoresha ya mayeri twabona ejo ku mugoroba.

Kandi Yesu yariyarabivuze imyaka amajana atatu n'ine imbere y'uko ivyo bishika, yukoyokwigishije inyigisho za Balamu. Ukuntu uwo Balamu yahenze Abisirayeli, abatumabakora ubushakanyi no -no gutanga…kufata ivyaterekerejwe ibigirwamana, kuryaivyo bintu. Rero, turazi ico «kurya ivyaterekerejwe ibigirwamana», icovyasigura vy'ukuri, kwari ugusenga. Mukwinjira, barapfukamira ibigirwamana, hanyuma bagarukana ivyo bigirwamana mw'ishengerorya Rukristo ; neza na neza nk'uko Balamu yabikoze hariya, mu gutumaAbisirayeli bakora ubushakanyi, no mu kuja muri uwo musi mukuru uhambaye w'ikigirwamana.

23 Na Konstantino yakoze nk'uko nyene akoreshejeamayeri yiwe, yakoze ishengero. Yatanze vyinshi muri ya Nama Nkuru y'i Nikeya,hanyuma rero baca… Yaciye afata amazu me -menshi akomakomeye yari afise,ayahinduramwo amasengero. Hanyuma akora arutari nini nini mu butare bwitwa marimari, busharijwen'izahabu bo n'utubuyenge tw'igiciro kinini. Hejuru ahakirurutse, yahashizeikintu kimeze nk'intebe y'ubwami yicaritseko umuntu yategerezwa kuba umutwarenka…, ico gihe yitwa « umwepisikopi. » Baca bamushira kuri iyo ntebey'ubwami, Bonifasi wa gatatu ni we yimitswe. Si uko gusa yagendagenda yambayeimpuzu nk'izo u -umunyagihugu asanzwe, ariko baramukoreye i -impuzu z'inyambarabami, bamwambika nk'imana mazebamwicarika ngaho ku ntebe y'ubwami, hanyuma bamwita ngo, «Icariho». Icarihocanke VICARIVS FILII DEI bisobanurango : «Uwuri mu kibanza c'Umwana w'Imana. »

24 Ubu rero, uwuri n'ubwenge, nacape, niyandike ibi : Vicarivs Filii Dei. Muciye umurongomunsi hanyuma mugateranya ibitigiri vy'ibiharuro, muca mutora neza na neza icoImana yavuze ko ari ikimenyetso ca ca gikoko : amajana atandatu na mirongoitandatu na gatandatu. Murabona, Vicarivs Filii… Naragiye i Roma ndashikan'i Vatikano. Narabonye ca gitsibo nyabutatu: Ububasha kuri kuzimu, kw'ijuru nokw'ipurugatori. Murabona ? Narabonye ico gitsibo, narabonye iyo mpuzu,narabibonye vyose, hariya.

Mu bisanzwe, ku wa kane inyuma y'umutaga isahaicenda, nategerezwa guhabwa umubonano kwa papa wa nyuma yari hariya. Umwishikira Von Blomberg yari yaronse intuze…aca ambwira ati : « Ubu rero, niwagendayo, Mwene Data Branham, ikintu cambere utegerezwa gukora ni ugupfukamira kw'ivi ryawe ry'i buryo no gusomaimpeta yiwe. »

Naciye mvuga nti : « Ivyo ntibishoboka.Ivyo ntibishoboka. Vyihoze. » Nongera mvuga nti : " Noha… Uwomugabo nta co dupfa, we… ?..." Ariko mvuga nti : " Harihoikintu kimwe, nzoha umuntu wese icubahirociwe. Nimba ari 'Revera,' ivyo ni vyiza, 'Umwepisikopi, Umukurambere,Dogiteri,' ico arico cose, umuntu nomuramutsa ata kinubwe. Ariko gusengaumuntu? Hari Umuntu umwe wenyene ntegerezwa kwunamira: ni Yesu Kristo. Uwo niWe Muntu wenyene nzopfukamira." Nca mvuga nti: "Nuvyihoze. Futa uwo mubonano."Sinari kwemera kubikora. Kandi kubw'ivyo jewe….

Maze gutaha i muhira naciye nsanga hari uwundi Munyamerikaahambaye nawe yabikoze nk'uko, Teddy Roosevelt. Yaranse kubikora kubw'imvo yuko…Ivyo muravyibuka muri kahise? Yuko yanse kubonana na papa kuko vyari kubangombwa ko asoma impeta yiwe canke…Bayambara kandi kw'ino rikuru, murabizi.Rero…Oh, oya. Oyaye, ivyo ntibishoboka. Kubw'ivyo rero…

25 N'ubwo biri uko, mu…Rero, nk'uko Balamu…Rerotwarabonye ku mugoroba wacu uheruka, mu…Rero, hano ubwa mbere, Imbere y'ukotuva kuri kuri ibi, barakomeje ishengero maze barabirana, bafashe ivyiyumvirovy'igipagani, ibigirwamana vy'igipagani vyari mw'ishengero. Imana ya Jupiteri,imana y'izuba, imana ya Marisi, imana ya Venusi, n'ivyo bishushanyo vyosevy'imana maze arabifata vyose abikura mu masengero y'igipagani; hanyumaashiraho Paulo, Petero, Bikira Mariya, n'abo bandi bose, hanyuma avuga ati :«Ng'iki icariho canyu kuko Yesu yabwiye Petero ati, 'Nzoguha impfunguzo,' kandi ni we musubirizi w'intumwa." Iracari inyigishoya Katolika n'uyu musi. Kandi baciye bashiraho ibigirwamana. None bakoze iki ?Binjije ugusenga ibigirwamana mu vy'Ubukristo, mu vyo bita Ubukristo;atari Ubukristo nyakuri, kukoAbapentekoti bake…

26 Rero mwibuke, simvuze…Sinavuze nti: "Ababatiste,Abametodiste, Abaperesibiteriyano," bose barimwo. Ariko ikintu nyaco kandic'ukuri c'Imana cari Pentekoti; niko vyari, niko biri, kandi bizokwama uko! Ahoni ho ishengero ryatanguriye, aho nyene mu bushobozi bwa Pentekoti.

Rero, mwombarira muti : «Mbega ivyo ni vyo, gamwene Data Branham ?» Nobasaba ko mwofata ibitabo bidonda kahise, maze musuzumeuko ibihe vyagiye bikurikirana gushika iki gihe, hanyuma murabe yuko uwo ari wewese mu bana b'Imana nyabo, b'ukuri atumiye kuri uwo Muhezagiro wa Pentekoti;kuvuga mu ndimi,gusobanura indimi, bakagira ibimenyetso n'utwumiza, bakabatizamw'Izina rya Yesu Kristo. Ivyo intumwa zakoze vyose, na bo barabikoze, kuva kuntango gushika ku mpera. Ni co gituma ngaho, mu gusoma kahise, nafashe Paulo naIreneyo, no -no -no -no kubandanya kugera kuri Maritino Mweranda, Kolomba;umwumwe wese muri abo bagabo ( gushika muri iki gihe), bari bafise ibimenyetson'utwumiza.

27 Neza cane. Yavuze yuko bari…mikoro yari igize gato…Ubu ni sawa? Neza cane. Oya,bazungagije umutwe, nta na kimwe bashobora kwumva ubu, Billy. Nezacane. Murashobora…? Mbega ni…? Ubu,

muranyumva? Ubu, bimeze bite? Ubu ni sawa? Sa? Bose bavuze bati: " Ni neza." Paul,iri ni inota rimwe ukuwe. Ni neza, sawa.

28 Rero, muri iki gihe amaze gutanguza ico kintu gihambaye, no gushiraho uwu muntuhano nk'umwungere w'isi yose aganzaamashengero yose, abaha amahera menshi n'ibindi, hanyuma abemerera ibintuvyinshi ; maze ashira hamwe ishengero na Leta, hanyuma arareka ishengeroriirategeka Leta. Vyatumye aba umuntu ahambaye. Kubw'ivyo hariho neza naneza…Ivyo Konstantino yakoze ni neza na neza nka vya bindi nyene twabona muririrya rindi shengero, ivyo Imana yavuze; yuko, mu gihe ca Eliya, bemeye ko wamugore Yezebeli yigarurira abana bayo ; ivyo vyabaye no muri iki Gihec'umwijima. Nimurabe rero uko ya Pentekoti isigaye iri ubu. Bagenzi, bagenzi!Umwiza w'umuzitanya. Kandi nko mu kiringo c'imyaka igihumbi, ivyo…kuva hafi mu500, ni vyo, ni kuvuga mu 606 gushika mumyaka y'1530…1520, nico giharuro nyaco, ariko gushika ku myaka igihumbi. Bazo…harabaye uruhamo rwo gusesa amaraso. Nimusome kahise.

29 Umukatolika azokubwira yuko ishengero Rukristo, ko ari bo bari ishengeroRukristo. Ico bari ni ishengero Rukristo ry'ikidini.Ariko abapentekoti b'ukuri barakandamijwe, baricwa, baragandagurwa, no kwicwan'abapapa n'abepisikopi n'abandi, nabobakaba bari abantu b'abicanyi karuhariwe.

Rero, umusi umwe kumbure ko ivyo bizontwara agatwe, murabona, kubivuga. Ariko hariikintu kimwe ntakekeranyako, ndazi iyo ndiko ndaja, ubu ndabizi. Ibandanyaitemba amaraso. Ariko ubu igihe kirashitse, ivyo mubona mufatiye ku birikobiraba mu gihugu yuko bitazomara igihe kirekire. Ntimuze mwigere muhesha imberey'Ico kintu! Ni Ukuri. Gumana na Kwo. Muze muvangemwo amaraso nk'uko babikozemuri ico gihe.

30 Rero, Aha murabona ivyabaye. Aha ni horero inyigisho ya Yezebeli yinjiriye. Yezebeli yari umugore , umupaganikazi ya…Ahabu yakoze nk'uko Konstantino yakoze; yabiriye uwo mugore kugira ngo akomezeubwami bwiwe, maze azana ugusenga ibigirwamana muri Isirayeli, neza na nezank'uko Konstantino nawe yabikoze hariya. Kandi Pentekoti yasa n'iyamaze kugendaakagirire.

Rero, Imana yaciye ihagurutsa Maritino Luteri. Ngombayuko mubona ingene ngaha ugabanukaugasa n'uwuzimangana rwose; hanyuma ngahaugasa n'uwusubiye gutangura, maze aha naho ukongera ukagabanuka. Kandi nsanuwahashize akamenyetso, kuko ni -ni icigwa kinini cane tuzobona ku w'iyinga kumugoroba, Umwami ni yavyemera.

31 Ubu rero -ubu rero, ndibaza ko dusa nabashikiriye ca cigwa turiko.Rero, aha ni ca -ca Gihe c'Umwijima, hano, kuva mu 1500…kuva mu 606 gushika mu1520. Aha nyene. Ndavyandika hano kugira ngo mugire… 606 gushika 1520. Ico ni ca Gihe c'Umwijiama, iri shengero riri ahanyene, Igihe c'Umwijima. Rero, irishengero tugezeko ubu ishengero ry'Ikiluteri.

Rero,muri ico gihe, abenshi muri abo bantu bapfiriye mu…Aba bagabo, nka Ireneyo,Maritino, Kolomba, bararenganye. Kandi mufate uwo ari we wese agomba kuronderamuri kahise kose mugomba, nimba ari kahise k'ukuri, mu gihe bababwira yuko«Umweranda Patrick yari Umukatolika,» ntibaba bazi ivyo bavuga. PatrickMweranda ntiyemera ishengero Katolika; kandi ntiyigeze aja i Roma, kandiyariyamirije ashimitse inyigisho yabo. Ni ivy'ukuri! NimujeBwonge-…bw'uburaruko nako muri Irlande yo mu buraruko uwu musi, maze muzobonank'ivyo nyene. Patrick Mweranda yari umuntu w'Imana ! Ariko, PatrickMweranda, mu gihe bivugwa yuko yatujije inzoka zose zo muri Irlande, uwo ni umugani gusa.

32 Ni bangahe muri mwebwe bamaze kwumva ivyerekeyeWilliam Tell yoba yarashe ipome iri ku mutwe w'umuhungu wiwe? Iyo ni imiganiy'Abakatolika, nta vyigeze biba. Naragiye aho hantu bavuga ko ivyo bintuvyabereye. Handitswe ngo : «Ni umugani, si vyo, » mu Busuwisi. Twe naBilly, twari twicaye hariya ku nkengeray'ikiyaga citwa Lucerne aho bavuga ko yoba yarakoreye ivyo -ivyo bintu, yararasheumuntu ; uko ni ukuri, ariko atari ipome iri ku mutwe w'umwana wiwe. Ivyovyose ni imigani, amangetengete n'ibindi, nta vyigeze bibaho. Nta na hamwe wobisangahariya, aho vyabereye canke ikindi na kimwe, cerekana ko ivyo vyigeze biba. Kandibirabivuga neza ngaho no kuvuga uko vyari biri. Rero, ariko muri ibi, ntakahise nyako kavuga yuko yabikoze. Murabona.

33 Rero ubu hano, muri iki gihe c'ishengero, aha niho ryasa n'iryagiye akagirire,riraherengetera vyo kuzimangana burundu. Rero muri iki kindi

gihe haciye haza ca gihe c'Ubugorozi. Rero ibi bintu hano inyuma y'imyakaishika hafi igihumbi y'umwijima n'umwiza w'umuzitanya no kuzimangana, n'ibindink'ivyo, ishengero ryasa n'iryibagiye ivyavuzwe na Ireneyo. Yari umuntuahambaye, umuntu yubaha Imana. Uko niko n'abo bera b'igiciro amajana n'amajanabatanze amaraso y' ubugingo bwabo ku gushaka (bahagaze muri ca kibuga c'inkino)uko bashoboye, murabona, kubwa Kristo, kubw'umubatizo wo mw'Izina rya YesuKristo, kubw'ukuvuga mu ndimi, kubw'ukuzuka kwa Yesu Kristo abayeho mu buziman'ukwigaragaza kw'Imana ngaho, mu gihe abiyita Abakristo babahama. Niivy'ukuri. Ni ukuri kutagabanije!

34 Oh, ni -ni gitero c'abadayimoni babereye kuzimu sinzi uko nobivuga. Barahagurutsenk'uko, baca

baritunganya baraheza biha izina «yiyita uwuvugishwa n'Imana,uwusobanura Ijambo w'Imana, nta wundi arizi atari bo. » Yiyita , ariko niumubeshi. Murabona ? Ng'ivyo. Ariko muri ico gihe nyene ; YariIfise umumarayika waYo ngaho, afiseUkuri. Ukuri kuzokwama na ntaryo kugaruka kuri Iki. Ukuri kuzokwama na ntaryokugaruka kuri Iki. Murabona ? Kuzokwama na ntaryo kugaruka ku c'inkomoko,kuko Imana itiyigera ihinduka kuri Ico.

Rero, twarabonye kandi, ejo ku mugoroba, imberey'uko tuva kuri ibi, kugira ngo bishinge inanga neza mu mitima yanyu, Ntiyagizegusa…mu kigereranyo, Yezebeli, yari afise -yari afise umwana w'umukobwa. Ivyo muravyibuka?Kandi mu Vyahishuriwe Yohana igice ca 13, hauga yuko iri shengero ryaretseImana, Roma, ko ryari rifise abakobwa. « Yari nyina wa ba maraya.» Mbegauko si ukuri? Yezebeli yari afise umukobwa; none Yezebeli yagenjeje ateumukobwa wiwe? Mwitegereze ibi bintu vyose, ibigereranyo n'ibitutu. Yezebeliyakoze ibishoboka kugira ngo ashingire umukobwa wiwe Yehoramu, mweneYehoshafati i Buyuda.

35 Muri ico gihe Isirayeli yari igabuye gurtya. Aha niYerusalemu ngaha, aha na ho hari iYudaya ngaha. Ahabu yari ngaha, hanyuma Yehoramu akaba hano. Ni uko, Yezebeli yari yarigaruriyeaha, Abisirayeli bose bari baremeyeibigirwamana. Hanyuma… (Bose kiretse Eliya na wa mugwi muto w'abizigirwa.)Neza.Rero, aha kuri uru rundi ruhande hariYehoramu hakurya i Buyuda; amaze kuvyarana umwana na Ahabu, yaciye afata uwomukobwa amushingira umuhungu wa Yehoramu…canke nako mwene Yehoshafati uwo naweakaba yari Yehoramu, aca azana ugusenga ibigirwamana i Buyuda, kandi ashiraibicaniro vy'igipagani i Yerusalemu.

Ico ni co nyene ishengero rya Katolika ryakoze!Ryarakoresheje inyigisho yaryo y'idini n'ibindi, rica rikura Mpwemu Yera muri iri shengero hano, hamwe n'abakobwa baryo (Abaluteri,Abametodiste, Ababatiste, Abapentekote n'abandi). Ico ni co nyene ryakoze.Bibiliya yavuze ko, "ari ryo nyina wa ba maraya."

Nimusesangure gusa mu Vyanditswe. Ni mwabona -nimwabona ikindi kintu na kimwe gitandukanye n'ivyo mu Vyanditswe, canke ngo ivyontibibe bihuye neza na kahise, muce muzamubimbwize ukuri. Murabona? Uko ni ukuri. Ntabihari!

36 Ayo madini nibwo burozibubi twigeze kugira mu vy'igiporoti, bagerageza kugira abantu ngo babe aribobaganza ishengero, ikindi gishushanyo gisa na kimwe cicaye kuri ya ntebe.Umwungere mukuru, abagenduzi bakuru ba Pentekoti, bavuga ngo : "Ni uko, reka turabe,inyigisho ni nyabaki?". Oh, abatiza mw'Izina rya Yesu ? Ntidushobora kumwemerahano. Oya, bashingantahe, bene Data. Ibi ntimuvyemere." Navyo bikankwa kandi."Nshaka ko mutahura neza, ko ntihagire umuntu n'umwe muri mwebwe aja muribiriya bikorane hariya. Vyanswe. Murwara mutarwara, ntimujeyo, mugume kureyavyo, ivy'Imana yoba iriko irakora vyose. Ni mutarabira mu marori yacu, ntakintu na kimwe mushobora kubona." Igishushanyo ca ca gikoko! Kandi icogishushanyo cari gifise ububasha bwo kuvuga. Ni ukuri kutagabanije. Nimwabamutizera ko gishobora kuvuga, umusi umwe muzogishavuze gato murabe. Uh -huh, urashobora kugira ingorane koko.

37 Ndibuka, hariya i Tulsamuri Oklahoma, nari…Oh, nari ntanguye kuja mu madidane atagira uko anginahariya, amadini yose yari mu ruhagararamuri ako karere. Nari nicaye muri iyi nyubakwa umusi umwe nca ndonka i-iyerekwa. Nabonye a -akantuze gato…akana k'akayabu keza gatoyi, karyamye ku mudo w'ubwoya, kari akayabu keza canekabaho. Nca ndegereza ngaho (Nsanzwentinya akayabu) nca ntangura kugakorakora, hanyuma gatangura guhirira, "purr,purr." Murazi ingene bugona n'iryo jwi ritwengeje, murabizi. Nariko ndagakorakora,mvuga nti : «Kayabu keza, gato.» Nako kakavuga, " purr," neza cane, murazi.

Ndavye inyuma y'umudo wako, nabonye handitse ngo :"Akayabu k'igipentekoti." Niho niyumvira nti, "Mbega ivyo ntibitangaje." Ncamvuga nti, "Iri ritegerezwa kuba ari iyerekwa."

Hanyuma ikintu kanaka kivuga giti : «Igihe coseuriko uragakorakora ujaja ubwoya bwako mur'urwo ruhande, biba bimeze neza;ariko nimba ushaka kubona ico kari koko, kagaze usubiza ubwoya inyuma urabe.» Murabona? Rero igihe nakagaza nsubizaubwoya inyuma, kaciye gaturumbura amaso yako, asa n'icatsi kibisi, maze gacagacika nk'igihume gihagaze aho gatangura kumvumagura uko gashoboye. Murabona,kagaze gusa usubiza ubwoya inyuma. Mubwire yuko umubatizo wiwe mw' izina rya"Data, Mwana, na Mpwemu Yera" ko ari uwa wa murwanizi be n'ishengero Katolika,hanyuma urabe ayo akuburira. Murabona? Ubwoya buca buvyuka.

Naciye manuka, mbarira mwene Data Gene, hariya epfo mu…oh, mwene Data Leo n'abandi nti: «Mpejeje kuronka iyerekwa nyaryo ku vy'amadini y'Abapentekote muri ibi»

38 Ubu rero,igice ca 3, reka tubanze… Sarudi ni ishengero ryapfuye. Ryarapfuye, kukoryishwe muri kirya gihe. Hasigaye agace gatoya gusa k'Ubugingo, kandi mu kanya,turaja kubona ivyo ari vyo. Igihe ca Sarudi gihera mu 1520 kigashika mu 1750.Inyenyeri, canke umumalayika wa…Inyenyeri yari mu kiganza ciwe, ikaba yari wemumalayika canke intwarabutumwa y'ico gihe c'ishengero. Mbega ivyo

birumvikananeza? Yuko iyo nyenyeri yari umumalayika, kandi umumalayika nawe aba ari intwarabutumwakuri ico gihe. Neza cane. Neza cane.

39 Ubu twarangije ivyerekeye ya Nama nkuru y'i Nikeya.Ahoni ho ryapfiriye, barahawe ububasha n'icubahiro, ishengero na Leta bimaze kujahamwe. Hari uwibuka inyigisho y'ejo ku mugoroba uko yavuga, ivyo benshi muriabo bantu biyumvira ? « Ko bwa bwami bw'imyaka igihumbi bwashitse.» Kandiintuze yose… « Kuzana Ubwami bw'imyakaigihumbi na Kristo ataraza. » Murabona? Ukuza kwa Kristo ni kwo kutwinjiza muri bwa Bwami bw'imyaka igihumbi, ubwambere hoho. Kandi muri iyo misi bari bafise… Mufashe kahise, muzobona yuko muriico gihe hahagurutse ba Yesu b'ibinyoma n'abandi, murabona. Kandi baraniyumvirako na papa yari Yesu, bakamwita icariho,ni ukuvuga «uwuri mu gishingo c'Umwana w'Imana». Nkako, imana nkuru nyeranda,yicaye ngaho.

40 Reka ndababwire ikintu kimwe. Bibiliya ivuga ko Yesu niyaza… imbere yuko Aza« Hokwadutse abavugishwa b'ibinyoma, kandi hokwadutse na ba Yesub'ibinyoma. » Ni ivy'ukuri ! « Oh, hano… » Ariko reka ibi bintundavyinjize mu mitima yanyu Yesu ntazokwigera ahonyoza ikirenge ciwe kuri iyi siIshengero ritarazamurwa ngo rigende. Ivyo mubigumizeku muzirikanyi, kuko hazokwaduka ba Kristo b'ibinyoma. Ariko Yesu ntazoba ariaha kw'isi ; kuko igihe inzamba izovugira, si We azoza haba na mba, ni twebwetuzomusanganira mu bicu. Ishengero rizoba ryamaze kugenda. Hanyuma Yesu niyaseruka, kuzoba ari ukugaruka. Abanyamahanga baja kumusanganira mu kirere.Mbega ivyo si Ivyanditswe? Murabona ? Baja kumusanganira mu kirere, hanyuma tugaca tuduga. Kandi Yesu ni…ntazohonyoza ikirenge ciwe aha kw'isi Ishengero ritarajanwa i Muhira n'Amazimanoy'ubukwe atararangira mw'Ijuru ; aho rero ni ho abona kugaruka kuronderaya masigarira y'Abayahudi.

41 Kubw'ivyo, rero yari yarangiye, ya NamaNkuru y'i Nikeya. Ishengero ryabaye -ryabaye musi y'inganji ya papa hafi imyakaigihumbi. Bari barishe abantu bose batavyemera. Ni ivy'ukuri. Wahitamwo kwemerakuganzwa canke naho u -u -ukicwa, nk'ukoYezebeli yabikoreye Abisirayeli.

Muri rusangi Mpwemu Yera yari yabahevye uretse bake cane muri ico gihe, nk'ukovyagenze kuri Eliya na ya masigarira y'Abisirayeli batapfukamiye Bayali. Nimwaba mugomba kubisoma, ivyo biri mu 1 Abami, igice ca 19, umurongo wa 18,igihe Eliya yari ahagaze hariya mw'isenga ry'ibuye akavuga ati : «Mwami, bi-bishe abavugishwa bawe bose. Barakozevyose, kandi nsi -nsigaye jenyene. Ni jewe jenyene narokotse. » Ariko Imanayaramubwiye ko yari icifitiye abandi bantu amajana batapfukamiye Bayali, mubantu basanzwe hariya.

42 Ubu rero, Sarudi, ubu rero turatanguye. Ijambo Sarudiubwaryo, ku murongo wa mbere. Ijambo Sarudi,mu majambo y'Icongereza, risigura, nimba mugomba kubiraba, risigura: "uwacitsekw'icumu." Sarudi y'ukuri yari : "uwacitse kw'icumu." Ico nico Sarudi bisigura,neza cane, "uwacitse kw'icumu." Ubu rero, murabona, "Uwacitse kw'icumu."

Turahera ku murongo wa 1. Wonyene…Tuza kucita igihe c'Ubugorozikandi ni ikintu kibereye cane ubu bugorozi nimba twobwita uko, kukoari…Ubugorozi bari "abacitse kw'icumu" basohotse bakamucika.

43 Reka rerodufate umurongo wa mbere:

…Kandi wandikire umumarayika w'ishengero ry'i Sarudi,

ut'Ufise …Impwemu ndwi z'Imana

n'inyenyeri ndwi, aravuga ibi, ngo Ndazi ibikorwavyawe,

k'uvugwa k'urimuzima arik'ur'uwapfuye.»

Ubu rero, indamukanyo. Rero,izo Mpwemu ndwi ni… "Impwemu ndwi n'inyenyeri ndwi. » Izo Mpwemu bariabamalayika baja kuri za nyenyeri ari zo ntwarabutumwa. «Impwemu ndwi,» mu bihe ndwi bitandukanye,Mpwemu Yera yagiye asiga amavuta intwarabutumwa, ari yo yaba ari inyenyeri mugihe cayo. I -Impwemu ni Ihoraho, kandiinyenyeri yashirwaho kugira ngo igaragaze Umuco mu mwiza muri ibi bihe vy'ishengero vyerekanwan'amatara be n'inyenyeri. Umumalayika, Mpwemu, ni We yatumbera iyo nyenyerimaze akagaragaza Umuco wa Mpwemu Yera biciye mu nyenyeri yo kuri ico gihec'ishengero. Ivyo, mushobore kumenya…Mwoshobora kwibaza izo Mpwemu indwi izoari zo. Ni za ntwarabutumwa ndwi za vya bihe ndwi vy'ishengero. Murabona ? Rero,igihe cose inyenyeri yaba ije mu gikorwa, Mpwemu Yera yaramanuka hanyumaagasiga amavuta iyo nyenyeri hanyuma akayigumiza neza na neza nk'uko imwe yambere yari iri.

44 Ubu rero reka -reka ndabibagaragarize. Paulo yavuze ati, ni mwaba mugomba ubwo bwokobw'inyenyeri ubwo ari bwo. Kubera, mwibuke, na Satani ni inyenyeri nawe,ikinyenyeri gica ibibatsi co mu gitondo. Rero nimurabe, Paulo yavuze ati…Mbegamurizera ko yari we yari inyenyeri kw'ishengero rya Efeso ? Yavuze, rero, nimba mugomba kumenya yuko arivyo canke atari vyo. Mu b'i Galatiya 1 : 8, Paulo yavuze, ariko aravuga hariya,yuko igihe coshitse, aho amabingira y'inkazi n'ibindi, avuga ati, "Ariko nahoyoba umumarayika avuye mw'ijuru, ababarira ubundi ubutumwa…» (Rero, yaramenyeyuko uwo

muntu yariko araza yasa n'umumalayika n'icariho gihambaye.) Yavuze ati: «Naho yoba nde, naho yoba umumalayika canke uwundi wese aje ababarira ico arico cose kinyuranye n'ubu Butumwa twababariye, arakavumwa.» Mbega si vyo ?

45 Paulo ni we yabagobererey e gusubira kubatizwa mugihe baba batabatijwe mw'Izina rya Yesu Kristo, "Nimuze, musubire mubatizwekugira ngo muronke Mpwemu Yera." Ivyakozwe n'intumwa 19.5. Kandi ni na weyarambitse ibiganza ku bantu, n'ingabire, ashira ishengero mu rutonde be nogukora ibitangaza, ugukiza indwara kw'Imana, ingabire zo kuvuga mu ndimi, gusobanuraindimi. Mbega ni vyo ? 1 Ab'i Korinto 12, murabe ivyo Paulo yavuze. 1 Ab'iKorinto 12, murabisangaho. Yashize mw'ishengero…Imana yashize izo ngabire nzizamw'ishengero; hanyuma Paulo azishira ku rutonde, azishira ku rutonde nezakugira ngo zishobore gukora kubwo icubahiro c'Imana. Niko Paulo yavuze. Rerohamwe umuntu uwo ari we wese, idini yoba arimwo iryo ari ryo ryose, ageragejekubabwira ko igihe c'ukuvuga mu ndimi, c'ugusobanura indimi, c'ugukizwa indwaran'Imana, n'ibitangaza n'ugushinga intahe kwa Mpwemu Yerank'umubatizo… arakavumwa. Kuko wa Mpwemu nyene yari kuri Paulo azoba ari uwoMpwemu nyene yarungitswe ku gihe c'ishengero gikurikira, kandi azoguma ari uwonyene kubandanya gushika kw'iherezo ry'ibihe vy'ishengero. Umwe Mpwemu nyene,Mpwemu Yera. Muravyizera ?

46 Hamwe mworaba ibi, ibivyanditse hano. Nyene kuvyandika yari abizi. Nimurabe," Mpwemu indwi." Nimurabe: "M" nkuru, Mpwemu Yera, hari umwegusa. Ni wa Mpwemu Yera nyene wenyene aza incuro indwi kuri vya bihe ndwivy'ishengero vyose afise wa Muco nyene. Mbega ubu murabitahuye ? Ibihe ndwivy'ishengero, Mpwemu Yera na We akazana ubu Butumwa nyene incuro ndwi ! Kandi haravuzwe umuvumo kuri uwo wese azogiraico ahinduye. 77 Ubu rero nimurabe ko bidahuye n'impishuro yose. Yavuze ati :« Nihagira uwukurako canke uwungurirako, Imana izokura ( umugabane wiwe)muri ca Gitabo c'Ubugingo. » Uko biri kwose vyose vyarategekanijwe. Nta nakimwe mushobora gusimba, canke ngo hagire ico mugobekamwo na hamwe,murabona, kuko ni Ivyo. Ni ko Imanayavuze, ni ko Mpwemu yavuze, kandi ni ko Amashengero yavuze. Rero, iyomugerageje kwinjiza iyindi nyigisho inyuranye n'iyo Paulo yigishije, kiba ariikinyoma ! Bibiliya ni ukuri.Ubugingo bwiwe…Yesu yavuze ati, « Nzokuraumugabane wiwe muri ca Gitabu c'Ubugingo. »

Rero, muravuga muti : «Ni umugabane uwuhe wo mu Gitaboc'Ubugingo?»

47 Hariho abantu benshi amazina yabo yanditswe muGitabo c'Ubugingo ariko ata kizobuza ko bazonanirwa. Ivyo murabizi, si vyo ?Muribuka ivyo nigishije wa musi ku mugoroba ? Mwarabitahuye ? Nimunyemererendabisubiremwo kandi ; ntibirumvikana neza ; ntibirumvikana nk'ukuri, murabona.

Yuda Isikaryota yari umwana wa Satani, yariidayimoni yambaye umubiri. Bibiliya ivuga ko yari yo. Bibiliya yavuzeiti : « yari yavutse ari umwana wo gupfa rubi. »

Nimubisuzume ibi akanya gato. Rero, aha hariho Yesu; harya hariho wa mwambuzi yari i buryo bwiwe, aha naho hariho uwari i bubamfubwiwe. Rero, igihe…Yesu yari Umwana w'Imana. Mbega ivyo si vyo ? Abantu bamwebabona imisaraba itatu gusa ariko mu vy'ukuri yari ine. Imisaraba ine !Umusaraba ni iki ? Ni igiti. Si vyo ? Bibiliya ivuga iti : «Azoba avumwe umuntu wese amanitswe ku giti»Yacitse ikivume ku bwacu, Yamanitswe ku giti. Caraciwe, ariko cari igiti. Sivyo ? Neza cane. Aha hepfo, ku mucamo hariho uwundi. Yari Yuda yari yimanitseku musukomora. Si vyo ?

Nimwitegereze ibi ! Ngaha ni Umwana w'Imana, yavuyemw'Ijuru, kandi asubiye mw'Ijuru, ajanye n'umunyavyaha yihanye. Hano ni wamwana w'ugupfa rubi, yavuye i kuzimu kandi asubiye i kuzimu, ajanye (« nambaUri ! ») umunyavyaha atihanye. Murabona, umunyavyaha atihanye, «Niwaba uri Umwana w'Imana, niwikize natwe udukize .»

Uyu wundiyavuze ati : « Twagize…" (ariko avugaubutumwa, uwo muvuzi w'Ubutumwa bwiza) "Turakwiriye ivyo turiko turaronka,ariko uyo mugabo we nta co yakoze. Mwami,uranyibuka ni washika mu Bwami bwawe." Uwo yari nde ?

Yari…?...

48 ...gato ejon'imugoroba canke hirya y'ejo. Uwu niAbeli w'Imana; uwu na we ni Kayini wawa murwanizi. Kandi nk'uko Kayini yiciye Abeli ku gicaniro, ni na ko na Yudayiciye Yesu ku gicaniro. Ni ivy'ukuri. Wa mwotsi waduga hariya muri Edeni kera usubiye kumanuka ngaha. Ni ukuri.

Oh, ni nziza cane, iyi nzira ya kera, iyi nzira ya kerayahezagiwe, yuzuye ubwiza!

Ubu rero, turabona hano (Murantunga.) yuko irishengero rya Sarudi, ku mumalayika waryo, Yavuze ati : «Impwemu ndwi; UfiseImpwemu ndwi. »

…Kandi wandikire umumarayika w'ishengero ry'i Sarudi,ut'Ufise Impwemu ndwi z'Imana…

49 Ni bangahe bazi ko Imana ari Impwemu imwe ? Niukuri. Imana, Mpwemu Yera. Imana, Data, Mpwemu Yera, ivyo vyose ni Umuperesonaumwe, kuko Mariya yasamye inda iva kuri Mpwemu Yera. Rero, intuze…

ariko Imana yakoresheje uwo Mpwemu Yera mu Micoindwi itandukanye y'Ubutumwa bwiza kw'Ishengero, vya bihe ndwi vy'ishengero.Murabitahura? Ibihe ndwi vy'ishengero.

Rero, mwovuga muti : « Imana ntikora ivyo.» Oh,ego, mwene Data.

Nimurabe! Yakoresheje Impwemu ya Eliya, kandiElisha amaze kugenda…Eliya amaze kugenda, Elisa yahawe iyo Mpwemu ibihetangabokabiri. Kandi igihe Elisa yararwara hanyuma agapfa, mu nyuma yaciye igarukakuri Yohana umubatizi. Kwa kundi nyene, vyatumye akora nka kwa kundi nyene kwaEliya, aba mu bugaragwa, n'ibindi. Si ivy'ukuri? Kandi vyarabuwe ko izogarukamu misi ya nyuma. Imana ikoresha iyo Mpwemu kuva ku ntango gushikakw'iherezo.

50 Kandi Yesu yari yarobanujwe amavuta ya Mpwemu Yera,kandi yagenda akora ivyiza. Mbega ni ivy'ukuri? Kandi wa Mpwemu Yera nyene yarikuri Yesu, ni we yagarutse mw'Ishengero ku musi wa Pentekote, mu gihecakurikiye, hanyuma mu gihe gikurikira, gurtyo gurtyo. Ivyo ni ibiki? Ni wawundi nyene, umwe, Mpwemu Yera umwe rudende. Oh! Ntimubitahuye? Imana hejuruyacu, muri Data, Imana kumwe na twe, mu Mwana; Imana muri twebwe, muri MpwemuYera. Ni uko! Ni ibiikorwa bitatu, atari imana zitatu. Murabona ? Kandiizo nzego zitatu (Data, Mwana, na Mpwemu Yera) bigize Izina rimwe : YesuKristo. Neza cane.

51 Nimwitegereze neza ibi mu gihe turiko turabandanya: «Impwemu ndwi,» niko agize uwufise…Mu yindi mvugo : « Ufise mu kiganza ciwe intumwa ziwe». Intumwa zizobazarobanujwe amavuta na Mpwemu Yera, zifise umwe Mpwemu Yera nyene yarobanujeamavuta Paulo (uwa mbere), ari na we yarobanuje amavuta kandi iya kabiri, iyagatatu, iya kane, iya gatanu, iya gatandatu n'iy'indwi : Zose zari mu kiganzaciwe c'i buryo. Oh, zigakura ubushobozi n'Umuco mukiganza ciwe c'i buryo.

Aha rero,yaraduze iyo Hejuru. Maze Filipoaravuga, igihe yariko aracikana…Nako Stefano yavuze ati :

"Mbonye ijuru ryuguruye,kandi na…na Yesu yicaye i buryo bw'Imana!» Ivyo ntibisobanura ko Imana ifiseukuboko kunini kw'i buryo, kandi ko Yesu ari kwo yicayeko! Ariko Ukuboko kw'Imana kw'i buryo ni ukuvugaUkuboko kw'I buryo kw'ubushobozi n'ububasha."

52 Uwo mubiri Imana yaremye… "Sinzokundira Uwera wanjengo abore kandi sinzorekera Ubugingo bwiwe i kuzimu, ariko nzomuzura hanyumandamushireho nk'Impwemu ku Gicaniro." Nimurabe! Igihe baMu - Mubona ari ku gicaniro, afise ca Gitabo mu kubokokwiwe, hatagize uwo kw'isi, i kuzimu canke ahandi, yabonetse ko abereye kurabaico Gitabo. Ariko aho hariho Umwagazi w'Intama yasa n'uwishwe uhereye isiitararemwa. Ni ukuvuga ko haciye igihe kinini, kw'itanguriro, igihe yatangurakwubaka uyo mubiri wacunguwe; yaciye aza hanyuma agikura mu kuboko kw'i buryokw'iyivyagiye kuri ya Ntebe, maze aca arayicarako We nyene ubwiwe. Amen.Ni uko. Ivyanditswe ni vyo bibivuga. Vyukuri ni vyiza cane, murabona.

53 Rero, "Unesha, nzomuha kwicarana nanje ku Ntebe yanje y'Ubwami, nk'uko nanjenanesheje nkicarana na Data ku Ntebe yiwe." Mu yindi mvugo, "Nagendanye MpwemuYera mu Mubiri wanje. Naranesheje ibintu vyose vyo muri ino si (mu kugeragezwa)ku bwa Mpwemu Yera, kandi naranesheje!" ("Kuko muri We ari ho haba ukunengeserakwose kw'Ubumana mu buryo bw'umubiri.") "Jewe nahawe ububasha bwose mw'ijuru nomw'isi." Niko Yavuze. Ububasha bwose! Gurtyo rero, Imana nta bubasha yobaigifise mu gihe yoba ari uwundi muperesona. Kuko Bibiliya iravuga ko Yesuyivugiye, amaze kuzuka ati : «Jewe nahawe ububasha bwose mw'ijuru no mw'isi.»

Kandi Yesu aza avuye mw'ijuru arikumwe n'amasinzi n'amasinzi y'abera biwe kandi Bibiliya ivuga yuko "Habayeagacerere mw'ijuru nk'igihimba c'isaha." Noneuwo Muperesona w'Ubwiza, ari Yo Mana aba ari hehe? Uh-huh. Murabona? Ari muriKristo. Nta nkeka!

54 Hanyuma natwe twanesheje kubwa Mpwemu Yera nka We igiheazokwicarira kuri ya ntebe ya Dawidi kuri iyi si kugira tuganzanye na We nk'ukona We yabigize Hariya, (Amen!) dufise ubushobozi n'ububasha kw'isi yose. Amen!"Kandi bari…isi iriko iraniha, yiteze uguhishurwa kw'abana b'Imana iguhahamiyecane, abana b'Imana."

Kuko uko biri kwose iyi si ntiyashizweho ngoiganzwe n'Imana. Tubimenye neza. Imana y'isi ni iyihe? Niumuntu! Ni ishamvu yiwe. Vyose, ibiri kw'isi vyose biganzwa n'umuntu. Kubw'icaha,yaraguye ; kubw'ubushobozi bw'ubucunguzi bwa Kristo, yaragarukanywe. Ni vyo,isi ni inyegu y'umuntu, yarayihawe kugira ngo aganze ibintu vyose. Kandiivyaremwe vyose biraniha cane birindiriye ico gihe aho abana b'Imana bazosubirakugaragazwa. Oh, jwe ; oh, bagenzi ! Ukugaragazwa kw'abana b'Imana.Ubu, vyoba vyiza ivyo tubivuyeko aka kanya.

55 Ariko,intwarabutumwa ziri mu kuboko kwiwe kw'i buryo, zirindiriye aho azozirungikahose, zizovuga ikintu kimwe, Kuko Mpwemu Yera yari muri Kristo…Oh ! MpwemuYari muri Kristo ! Igihe yagenda, yaravuze ati : «Hasigaye igihe gito, ab'isi, » Kosmos, ijambo ry'ikigiriki risobanurwa ngo « urutonderw'isi, » atari isi, ariko ab'isi, urutonde rw'isi, « ntibazobabakimbona, » amadini, canke n'abandi « ntibazoba bakimbona, arikomweho muzombona, » Ishengero, uwizera, « kuko jewe, » jewe,insigarirazina muvugwa, « nzoba ndi

kumwe namwe, mbere no muri mwebwegushika ku muhero w'isi. Yesu Kristo uko yar'ar'ejo, n'uyu musi ni kw'akiri, nikw'azokwama ibihe bidashira. » Murabibona ?

56 Rero nimba uwo yari umwe Mpwemu Yera wa Kristo yaje ku musi wa Pentekote kandiagakora vya bintu, ni Mpwemu Yera wa Kristo yaje aha, aha, Mpwemu Yera waKristo aracari hano, Mpwemu Yera wa Kristo aracari hano, gushika ku muherow'isi. Umwe Mpwemu Yera yuzuza Paulo Mpwemu Yera n'ibintu yakoze, ni We azuzuzauyu (Ireneyo), yuzure Mpwemu Yera, yuzuze Maritino Mpwemu Yera, yuzuze n'abandibose Mpwemu Yera, kandi niwe yuzuza mwebwe na jewetukuzura Mpwemu Yera, kandi niumuhezagiro wo kuri wa musi wa Pentekote uhererekanwa uva mu gihe c'ishengerouja mu kindi ; ni Alufa na Omega, Itanguriro n'Iherezo, vyose muri vyose, Igishitsin'Umunago wa Dawidi, Ikinyenyeri co mu Gaturuturu, Ishurwe ry'i Sharoni,Ikirungu co mu Kiyaya, n'ibindi vyose, Data, Mwana, Mpwemu Yera, iyamyeho, Irihokandi igira ize, Alufa, Omega, Vyose, Vyose muri Vyose ! Oh,bagenzi ! vyo bituma nipfuza kuririmba indirimbo imwe.

Oh, Mbega muvugako ndi nde ? (Niko Yesu yabajije,) Muvugako nturuka he,

MuraziData, murashobora kuvuga Izina ryiwe ?

Yavuze ati : Ndi Alufana Omega, Itanguriro n'Iherezo,

NNDI iremwa ryose, kandiIzina ryanje ni Yesu.

NDI umwe yavuganye na Mose mu gisakacaka Umuriro.

NDI Imana ya Aburahamu, Ikinyenyeri gicaibibatsi co mu Gaturuturu (Uko ni ukuri.)

NDI Ishurwe ry'i Sharoni,None muvuga ko nturuka he?

NDI ukuremwa kwuzuye, kandi Izina ryanje ni Yesu.

57 Imiryango yose yomw'Ijuru no mw'isi yitirirwa iryo Zina (iri hose, yarahezagiwe, inengesereyeMpwemu Yera, ku rugero rukwiye, ivugishwa na Mpwemu Yera, ihabwa amazina yayona Mpwemu Yera, yavyawe na Mpwemu Yera). Ni ivy'ukuri. Imana Yarihaye imiryangoyose yo mw'Ijuru no kw'isi. Kandi vyose, amavi yose, azopfukamira iryo Zina. "Kandinta rindi Zina umuntu yahawe kw'isi yoshobora gukirizwamwo» Atari kumbure ko, canke vyoshoboka ko, ariko ategerezwagukizwa. Oh, ivyo ndabikunda. Ni vyiza cane!

58 «Mu kuboko kwiwe kw'iburyo.» Ubu murabitahura? Ni Ishengero rya Pentekoti ; Ubushobozi, ibimenyetson'utwumiza vyakozwe muri ico gihe cose. Ubu rero turi… ryaraciye mu bihe vy'Umwizaaho ryasa n'iryanyoshwe rwose. Ubu rerohinge dufate uwu murongo wa kabiri. Oh, ndibaza ko twobandanya gato -gato kurinuwu murongo wa mbere :

…Ndazi ibikorwavyawe, k'uvugwa k'uri muzima, arik'ur'uwapfuye.

Nimufate ishengero rikurikira; aha tubona ngo : «Ntiwihakanye Izina ryanje». Ishengerorikurikira, "ntiwihakanye Izina ryanje." Ariko muri iri Shengero : «ufise izina.» Nimurabe hano! Iri shengero ryarazigamye Izina ryiwe;iri shengero ryarazigamye Izina ryiwe; iri shengero ryarazigamye Izina ryiwe;iri shengero naryo ryaciye mu Gihe c'Umwiza kandi nta na kimwe cavuzwe vyo; igihebaseruka mu Bugingo kuri uru ruhande,abacitse kw'icumu bake ba mbere, igihe Luteri yabakura hariya, babwiwe ngo : «ufise izina k'uri muzima arik'ur'uwapfuye.»None bakoresheje izina irihe bamaze guheba Izina rya Yesu? Data, Mwana naMpwemu Yera. Kandi ivyo ntibibaho. Ni tewolojiya yapfuye -yapfuye.

59 Nimumbwire, mbega Data ni izina? Hano hariho badata bangahe? Ndabasavye mutarike ibiganza. Ni nde muri mwebwe yitwa data?Umwana? Abantu? Uko -uko niko biri. Si…Izina ryayo si Mpwemu Yera; ico ni coari; ni Mpwemu Yera. Izina…Mpwemu Yera si izina, Mpwemu Yera niiritazirano ; Data, Mwana na Mpwemu Yera.

Rero murabona ngaho, ivyo ntibitagira ishingironka bimwe vy'Umwana ahoraho. Nta kintu nk'co c'Umwana ahoraho kibaho. Umwana aravukaku ; Igihoraho nticigeze kivuka.

60 Nta kintu nk'ico kibaho, nk'uko nabivuze wa musi ku mugoroba, c'umuriro uhoraho. Umuriro uhoraho wobaho gute? Ivyo vyosobanura kowamye uriho. Bibiliya ivuga ngo : «Waremewe wa murwanizi n'abamarayika biwe.»Umuriro wobaye waramyeho ibihe vyose, nimba hariho uwuzokwamaho. Kandi niiki… Ni nde yawukoresheje hariya igihe -igihe Yari El, Elah, Elohim, «Uwibeshejeho ubwiwe,» igihe ata kindi kintucariho? Umuriro woba warahoranye na Yo, Murabona? «Umuriro waremewe umurwanizi n'abamarayikabiwe. Kandi n'ababi bose bazotererwa muri wo» uko ni ukuri. Bazohanwa kumbureimyaka imiliyoni ijana ku vyo bakoze. Ariko hazogera igihe bazogira urupfu rwakabiri. Nta na kimwe kizoba gisigaye cabo. Ikintu cose gifise intango gifisen'iherezo. Rero iyo twakiriye Ubugingo Budashira, tuba twakiriye igice c'uwomuco wari hariya imbere yuko haremwa akaremangingo na kamwe. Uh-huh. Uwo Mucow'Imana uza mu mitima yacu ukatumurikira ku buryo tubona Yesu. Bibiliya yavuzeiti, "Ntitubona ibintu vyose, ariko turabona Yesu."

61 Rero, Yavuze ati: "Ndaziko ari we…Ni jewe mfise za nyenyeri indwi zirungikwa kuri ya mashengero ndwi.Ndazi ibikorwa vyanyu n'ibindi vyose, ariko mufise izina ko muri bazima arikomwarapfuye." Rero, Muribuka iki gihe nyteneco? Martin Luther, igihec'Ikiluteri. Rero, bari baciriwe urubanza kuva kare. Ntibigeze banatangura,bari bapfuye hakiri kare. Ntivyasaba ko bapfa, bari baramaze gupfa kera.Murabona, "baracitse gusa."

62 Ubu rero nimurabe neza ibi : Dusome umurongoukurikira:

Gira ube maso, ukomeze ibisigaye bigira bipfe :kukw'ata bikorwa vyawe nabonye bisozerewe imbere y'Imana yanje.»

Ubuabarira Luteri. Twese turemera ko iki -iki cari igihe ca Luteri, kikaba cariigihe c'Ubugorozi. None ariko yavuze ngw'iki? «Wiyita ko uri muzima arikowarapfuye.» None bari bakoze iki? Bari baranguruye bagaruka mw'idini. «Kandiinkono ntiyobarira isafuriya ngo iracafuye»; ntimugume mutunga urutoke "Abakatolika!"Murabona, mwasubiyeyo icese, mu gukoresha za nemera zimwe n'izo bakoresha, n'amazina.Kandi Luteri yarakuyeho amakatikisimu menshi n'inyigisho zaturuka mw'ishengerorya Katolika, ariko baciye biyita izina. Murabona : "Uvugwa k'uri 'muzima,'iryo zina rituruka muri iyo myaka igihumbi yapfuye hano, kandi muracumiye kuriiryo zina.» «Ufise izina,» Muribuka?

Kugira ngo twemeze ko ari ukuri, ayo yandimashengero yabwiwe ngo : «Wumiye kw'Izina ryanje." "Wumiye kw'Izina ryanje.»Muri iki gihe : «bararitakaje.» Arazarero akavuga ati: «Urafise irindi zina ko uri muzima, ariko ur'uwapfuye.»

63 Oh, mwebwe Bametodiste, Babatiste, Baperesibiteriyano,Baluteriyano n'Abapentekoti, nimwihane hanyuma mubatizwe mw'Izina rya YesuKristo mubone guharirwa ivyaha vyanyu. Murabona? Nimuve muri izo za nemera zakera zapfuye hamwe n'ivyo bintu vy'ishengero rya Katolika riri hafi yoguturirirwa hamwe n'abakobwa baryo bose.

Nta n'umwe yovuga ngo : «Data, Mwana na MpwemuYera» ko ari... Hanyuma ico kintu, bakacita «Ubutatu bweranda.»Ubutatu? Nihagira uwubona iryo jambo ubutatu no muri Bibiliya azoze kurinyereka, nimugeragezemurondere iryo Jambo «Ubutatu» . Ntan'iririmwo. Nta n'iririmwo. Nta kintu nk'ico kibaho.

64 Rero, ngo :

… ukomeze ibisigaye bigira bipfe…

«Nimwumire ku co mufise, kuko Luteri yabagaruriyeku manga. Ivyo nimuvyumireko, kuko bigira bipfe! Muzo… Bazogarura muri ivyobintu kandi. Mwumire kuri co, kiri hafi gupfa.»

Ubu rero :

…Kukw'ata bikorwa vyawe nabonye bisozerewe imbere y'Imana yanje.

Mbega si vyiza? Oh, ivyondabikunda! «Ibikorwa vyawe ntibisozerewe». Kubera iki? Bari bahejejegutsindanishirizwa : Luteri yigisha ugutsindanishirizwa; vyari bikwiye kandi kobezwa, hanyuma bakuzuzwa Mpwemu Yera. Si bo bitunganya, batunganywa na Mpwemu Yerayari muri bo. Si -si Umukristo atunganye, ni Mpwemu Yera atunganye muri we. Murabona? Iconico… Nk'uko namaze kubivuga : «Si Umusoziwera, ni Imana Yera iri kumusozi. Si ishengero ryera, canke abantu bera, ariko ni Mpwemu Yera ari mw'Ishengero no mubantu.» Ng'aho aho ukwera kw'ivyo bintuguhagaze.

65 «Nta bikorwa vyawe nabonye bisozerewe. Ntiwashitseku gutungana." Kuko turabona hano yuko bari bafise ugutsindanishirizwa, ugutsindanishirizwa.Kandi ibi vyari…Oya, murantunga. Ugutsindanishirizwa kuri hano nyene mu gihe caLuteri; ukwezwa kuri hano; hano naho ni Mpwemu Yera. Murabona? Rero, ivyo bintubitatu vyakoze muri ibi bihe bitatu vy'Ishengero, ni vyo nkenerwa kugira ngoukuvuka gushitse gushobore kuba. Vyari vyasamwe gusa nk'akabuto gatoya mu nday'umuvyeyi. Ni ivy'ukuri, Mpwemu Yera ni We yariko aravuka.

66 Ubu rero, nagomba kubabaza ikintu kimwe. Mu gihec'ukuvuka mu buryo bw'umubiri, ni igiki gitangura kuza? Amazi. Igikurikira?Amaraso. Uko ni ukuri? Hanyuma igikurikira? Mpwemu. Ni ivy'ukuri.

Ni igiki cavuye mu mubiri wa Yesu igihe yapfa?Bamucumise mu rubavu, haca havamwo amazi n'Amaraso; hanyuma ngo : «Data, mu maboko yawe ni ho nshize Impwemuyanje.» Amazi, Amaraso, Impwemu.

«None rero, ko twatsindanishirijwe nokwizera," Abaroma 5:1, dufise amahoro ku Mana kubg'Umwami wacu Yesu Kristo.»Ugutsindanishirizwa. Ukwezwa, mu Baheburayo 13 : 12 na 13 «Ni cocatumye na Yesu ababarizwa inyuma y'irembo, kugira ngo yezeshe abantu ayiwemaraso.» Luka 24 : 49. «Ariko mugumemu gisagara ca Yerusalemu kugeza ahomuzokwambikirwa ubushobozi buvuye mw'ijuru. » Mpwemu Yera niyabazako,muzoba abo kunshingira intahe i Yerusalemu, i Yudaya, i Samariya…»

Si igihe ubaye musenyeri, si igihe ubaye umudiyakoni,si igihe ubaye pasitori, si igihe ubaye papa, ariko «Mpwemu Yera ni yabazako,muzsoba ivyabona vyo kunshingira intahe.» Ni waba uri umudiyakoni gusa,pasitori gusa, canke papa gusa, canke uri…, uzoshingira intahe ishengero ryawegusa canke za nemera zawe. Ariko iyo Mpwemu Yera abajeko, muca mumushingiraintahe! Kandi ibikorwa yakoze namwe murabikora, kuko Ubugingo bwiwe buba burimuri mwebwe. Oh, ivyo ndabikunda, ego ! Oh, oh! Bagenzi, bagenzi! Ivyondabikunda. Ego, mushingantahe. Oh, Data, Ibi bintu umenga ndavyumva neza ahahavugirwa Ubutumwa, kurusha mwebwe mwicaye iyo ! Ibi bintu bituma mererwa nezacane.

67 «Ukomeze ibisigaye bigira bipfe.» Reroavuga hano, turabe rero umurongo wa 3:

Ni wibuke rero ingene wakiriye kandi wumvise, (ivyo ndabikunda !) : uvyitondere, wihane. Nuko rero n'utaba maso, nzoza nk'igisuma, na wentuzomenya igihe… nzokwubira

« Niwumire neza ku gutsindanishirizwa kwawe,nukwumireko.» Ntiwemereko hagira abantu bakunyaga ico kintu. «Ingene wakiriyekandi wumvise.» Basoma iyi Bibiliya nyene dusoma, murabona. Ariko gusa bobontibakira vyose, kuko vyose batari barabihishuriwe. Ntivyari ivyo mu gihe cabo.Ni co gituma bazozuka. Bagendeye mu Muco bari bafise, kubw'ivyo bazozuka.

68 Narumvise Abapentekote benshi bigishaivy'umubatizo bavuga bati : «Abo Baluteri n'abandi ntibazozuka.» Oh, ego. Muraziagakuru kamwe kerekeye Mwigisha Hegre hariya. Igihe namubwira…Yavuze ati,"Twebwe turi iki?" Nca mvuga nti… Murazi, barubatse iseminari nkuruy'Abaluteri, Betaniya , hariya i Minneapolis. Uyo mugabo yarambajije ati: «TwehoAbaluteri dufise iki ? »

Mvuga nti : « Eh, ngira ndakubwire. Ndibaza ko mufiseKristo.»

Aca avuga ati : « Neza, tugomba -tugomba Mpwemu Yera.‟ Yavuze ati, ” Wibaza ko tumufise?‟

Ndamwishura nti : «Mu buryo bubayabaye.‟ Nongera mvuganti: ” Uramwizera.»

Na we ati : « Ushatse kuvuga iki ?»

69 Hariya bafise amahegitari ibihumbi ayo abanyeshurebabo…, iyo badashoboye -badashoboyekuriha amahera y'ishure, barabemerera gukorayobakarima ibigori. Nca mvuga nti, "Neza…" Hariho a -amameza maninimanini. Barangaburiye zimwe muri za mfungurwazidasanzwe hariya muri iyo seminari nini. Kandi rero, ni abantu beza cane; MwigishaHegre yicaye hano, na mwene Data JackMoore ari ngaha, nanje nari nicaye iruhande yiwe kugira ngo uyo mwigisha aramutse akoresheje amajambo ahanitseandengeye nce ndya akara Jack nkoresheje ukuguru, maze ace ayansigurira,murabona. Kubw'ivyo, nca mvuga nti….

Yari yicaye i ruhande yanje; arambarira ati : «Icotwifuza ngaha ni ukugira ico turonka. Turafise inzara y'ivy'Imana ! Twarasomyeigitabo kimwe c'Abapentekote citwa : Ingabire. Bamwe muri twebwe twarafashe indege tuja iCalifornia kugira ngo tubonane n'uwanditse ico gitabo» (ndamuzi). Avuga ati:«Twagomba kubona zimwe zimwe muri izo ngabire zikora.' Yavuze ati: 'Nta n'imwemfise narazanditseko gusa'‟ Rero aca avuga ati… Avuga ati, ”Igihe twaja hariyatukabona ibi, dufise inzara. Dukeneye Imana.‟

70 Nca mvuga nti : « Ni uko, igihe kimwe, harabayeumugabo yagiye.‟ Murazi, nkoresheje urubuga rwiwe nyene, murabona. Umuntu umweyaragiye arima umurima wiwe munini. Maze arandura imizi yose, hanyuma ateraibigori. Imisi yose mu gitondo yama asohoka agahagarara imbere y'umuryangoaraba ko hari ibigori vyameze. Ni uko rero umusi umwe, mu gitondo, abona utubabitubiri dututuje.” (umuntu wese amaze kurima ibigori…Georges Wright n'abandibari, Roy Slaughter, n'abandi bari hehe ? Murazi, twa tumerera tubiriduseruka.) «Oh' aca avuga ati, 'Imana ishimwe kubw'ibigori vyanje.'‟

Nca mvuga nti : « Mbega aho yari afise umurimaw'ibigori ?»

Aranyishura ati : «Ego, mu buryo kanaka.»

Nca ndamubwira nti : «Mu buryo kanaka, yari awufise.‟ Mvuga nti, ”Barimwebwe Abaluteri muri bwa bugorozi bwa mbere, mwazanye utubabi, murabona.‟”Neza,‟ nca mvuga nti, ”buke buke ako kamerera karakuze.‟ sinamubariye kuvyerekeye birya bija ”birahunguruka,‟ murabona, ariko namubwiye gusa ivy'icokigori, gikura.

71 Rero nca mvuga nti : «Ikigori carakuze, maze munyuma umuyange uraboneka. Ariko uwo muyange urabana agakengere ya mababi, uvugauti : « Ha-ha-ha-ha-ha, ntaco mufise mwa baluteri mwe ba kera mukonje.' Jewendi… Ni -ni jewe nzana urubuto, igihec'abamisiyonari gihambaye.' Umuyaga waciye utangura guhuhuta, maze uwo muyange ucaurahunguruka maze ugwa hasi; ico cari igihe ca Wesley, ukwezwa.‟ Murabona? Iconi co gihe abantu bakwiragiye hose bavuga Ubutumwa kurusha ibindi bihe vyose,kandi ico gihe ni ho habayeho ishengero rya Wesley, ryabandanije mu kiringocose c'ubuzima bwa Wesley, mbere vyaranarengeye ico gihe. Igihe c'ishengero ryaWesley cabaye igihe c'abamisiyonari cakwiragije kure urubuto. Bakoze iki, ba-barabukwiragije.

Murabona, n'ivyaremwe ubwavyo birashingira intaheibi bintu bitatu aha nyene. Ivyaremwe ubwavyo, ubwa mbere na mbere Imanayashizeho ivyaremwe kugira ngo bimere gurtyo. Ntibikenewe ko mwiririwa murafataBibiliya, kugira mumenye aho mugeze ni mwitegereze gusa ivyaremwe. Murabona?

72 Hanyuma rero…Karakorokeye hariya. None mu nyumahavuyemwo iki? Umushishi w'ikigori, wariko imbuto; wari wa mugwiw'Abapentekoti. Uwo mugwi w'Abapentekote wari usangiye ubwoko n'uyu mugwi w'ahahasi. Aha havuyemwo uturonge tubiri tw'ikigori, Luteri; aha yari afise amezeza,Wesley; hano naho yari afise urutete rw'ikigori (Iki?) neza na neza nk'ukorwari hano. Co kimwe!

Aha naho ni ibiki? Muravuga muti, "Ubu rero," Abapentekote bavugabati : «Mwebwe Abametodiste n'Abaluteri ntitubakeneye.» Ariko naho biri uko,ubuzima bwari muri twa turonge tubiri ni bwo bwatumye haboneka umuyange. Kandiubuzima bwari mu muyange ni bwo bwatumye urutete ruboneka. Murabona rero kovyose bigenda nk'uko Imana yabiteguye. Baboneka ko bafise Mpwemu Yera arikobataramuronka, nk'uko ndetse na Wesley yari afise ukwezwa ; ariko ubu uwoMpwemu akaba yagarukanye ukuvuga mu ndimi n'ukugarukanwa kw'ivyariho mu ntango.Uwo Mpwemu Yera nyene murabona, Mpwemu Yera nyakuri. Amen.Ego.

73 Ni uko «Gira ube maso, ukomeze ibisigaye bigirabipfe». Ubu rero, umurongo wa kane, nibaza ko ari wo :

Ariko ufise amazina makeya y'ab'i Sarudi batandujeimpuzu zabo ; ni bo bazogendana nanje bambaye impuzu zera, kuko bibabereye.

« Ivyontimukavyubakireko idini ; ntidukwiye kubikora.» Oya, nagize…na -nasomyeumurongo utari wo, siko? Canke sivyo? Ego, ego, ni vyo. Ego Neza cane. Ego, «Arik'ufise amazina y'ab'i Sarudi batanduje impuzu zabo.» Hariho bamwe bamwebahakanye kwunamira ivyo bintu. Bari buzuye Mpwemu Yera kandi bakurikira yanzira ya kera yazanana kuri Pentekoti. Mu gihe ca Luteri, benshi baciyebatangura kugira imigwi y'amadini. None bakora iki ? Bakoze nk'uko Bibiliyaivuga. «Bakora nka nyina wabo». Basubira inyuma maze bikorera idini ryabo.Ariko hari bamwe bamwe batavyinjiyemwo maze bavuga ko batazobikora ;kubw'Imana, bigumiye hanze. Imana yabavuzeko, ngo : « Ufise amazina ya bamwebamwe bazogendana nanje bambaye impuzu zera, kuko bibabereye. Ntimugakoreidini. Ntimukifatanye n'inyigisho y'Abanikolayiti. Ntimwongere gutanguza ayandimadini, ariko mugume mwidegemvya mu Mana. Mureke Mpwemu Yera abarongore igihemuriko muragenda. Hari bake basigaye. »

74 Ubu rero, umurongo wa 5,ndibaza :

Uri n'ugutwi…

Hinge turabe. Oyaye.

Unesha azokwambikwa artyo impuzu zera, kandisinzosibanganya izina ryiwe mu gitabo c'Ubugingo na mba, kandi nzokwatura izinaryiwe imbere ya Data, n'imbere y'abamarayika biwe.

Rero, «Amazinamakeya.» Hariho bake cane, amasigarira makeya batemeye ku… kuganzwan'inyigisho za Katolika. Ni vyiza cane.

75 Ubu rero turaja kuvuga ku bugorozi. Nagomba ku…Hari bimwe mu vya Luteri nari nabanje kuba ndaretse kugira mpave ndabigarukakongaha. Ubu rero umurongo ukurikira:

Uri n'ugutwi ni yumve ico Mpwemu abgira amashengero.

Imana igerageza kubaburira ngo bagume kurey'inyigisho z'abanikolayiti. «Nimugume kure yavyo! Ntimwandurishe impuzu zanyuibintu vy'iyi si!» Iyo bari kuguma muri We, yari kubayobora maze akaberekainzira. Iyo ni yo yari intango.

76 Rero, iyo mvuze «ubugorozi», mba nshatse kuvuga «Abacitsekw'icumu», abacitse no mu gihe c'ishengero ry'i Sarudi. Muratahura icongomba kuvuga? Ndiko ndavuga abamye baja kure y'ico kintu giteye ubwoba. Rerobi…Ivyo tuzobisubiramwo ejo ku mugoroba, kandi tuzobivugako gushika mu… mu giheca Pentekoti, maze ndabereke ko ari co kimwe neza na neza. Hari ivyo muri ivyobintu tuzovugako ngaha, kugira tumenye ingene tubicika. Ivyo tuzobisanga no mugihe gikurikira. Murabona, ivyo vyose dukwiye kubihuza, atari uko u -u -u -ubauhushije guha a -abantu… tuzobishimangira mu gihe gikurikira, murabona. Dukwiyekubibaha neza na neza nk'uko Bibiliya ibitanga hano, murabona. Neza cane.

77 Avuga ivyerekeye abacitse kw'icumu. Ni abo, uwomugwi muto wabeshejweho n'ugutsindanishirizwa. Ubu rero nimurabe! Barasohotse,babona Umuco, Luteri yari yafashe inzira nziza. Ariko inyuma y'urupfu rwaLuteri… Luteri ntiyigeze ashinga idini! Umugwi waje inyuma yiwe ni wowarishinze. Wesileyi ntiyigeze ashinga idini; umugwi waje inyuma yiwe ni wowarishinze. Abo hambere batanguje Pentekote ntibigeze bashinga idini; umugwi waje mu nyuma ni wo waje uvuga ivyobintu! Umumarayika nyakuri w'Umuco ntazokwigera ashinga idini! Kandi kuvyerekeye ico gihe -ico gihe ca Pentekoti, muzobona ibica bishika kw'iherezory'iryo dini; murabona, Mpwemu Yera azobiduhishurira.

78 Yaravuze ati : «Musigaranye umuco muke cane, kandiuri hafi kuzima; utera ugabanuka, nta kindi gisigaye atari ugutsindanishirizwagusa, kandi bashobora kubazungagiza hirya no hino. Nta Bugingo mugifise kukomwafashe izina ritari ryo. Ariko muri -muri…Mwarashikuwe. Murabona, muri…Mwaravuye mu vyara vy'ishengero ry'i Roma. Mwaracitse iyo mitegekere yose,n'imiburiburi mwashitse aho hantu. » Ubu murasoma ya Bibiliya nyene. Arikoiyi Bibiliya nyene yigisha Mpwemu Yera… Ntiyabaciriyeko iteka kubwo ivyo baribafise. Yavuze ati, «Wumire ku co ufise gushika ngarutse. Ucumireko!»

79 Iki gihe c'ishengero rero catanguye mu myaka ya1520, aho rero ishengero rya Katolika ry'i Roma ryari rimaze gushinga imizi.Carabandanije gushika kw'igenekerezo rya mirongo itatu na rimwe Gitugutu (nimbamuriko murandika.) italiki mirongo itatu n'imwe Gitugutu 1570 inyuma yaKristo., igihe Martin Luther yamanika rwa rwandiko rwiwe rw'ingingo mirongoicenda na zitanu, ku muryango w'isengero ry'i Wittenberg W-i-t-t-e-n-b-e-r-g,Wittenberg, mu Budagi. Kuva kuri iyo tariki ni ho bwa bugorozi bwatangura, umuriro utanguragukwiragira hose. Luteri yararwanije iryo shengero rya Katolika ryashinzweakoresheje ikaramu na wino. Yavuga ati : «Iki, ni wo mubiri wa Kristo? Nihosiya gusa n'umusa wa vino!» Puf! Yaciye abiterera hasi! Ni ivy'ukuri!

80 Yararwanije ishengero rya Katolika, kandiintuze…ivyo vyatanguye… abacitse kw'icumu bake ico gihe barasohotse. …vyaribitanguye. Ariko ahanini yari i -intambara yo kurwanira ububasha bwa politikeaho kuba ukurwanira Ishengero nyakuri, inyigisho ngenderwako za Gikristo.Barwanirira gusa kugira uburenganzira bwa Politike bwo gusohoka bava mw'ishengerorya Katolika ngo bashinge irindi. Mu gusohoka bava mw'ishengero rya Katolika,nta kintu na kimwe bahinduye, mu ntumbero y'ukugarukana Mpwemu Yeran'ubushobozi mw'ishengero, kuko ivyo batavyemera. Huh ? Ryari ihiganwa muvya politike gusa. Aho ni ho iri Jambo rishikira vy'ukuri, ngo : «Uvugwa k'uri muzima, arik'uri uwapfuye.»Mu yindi mvugo, yashinze gusa idini ry'abaporoti, nta kindi. Yakuye umukobwa mw'ishengero.Mu ntuze… Yatumye maraya avuka kuri maraya. Ivyo ni vyo nyene vyashitse.Yatumye Ataliya avuka kuri Yezebeli.

81 Uwo ari we wese asoma inkuru za kahise zerekeye bwaBugorozi arazi ko ari ivy'ukuri, kuko yagize gusa…bimwe mu vyibukiro n'urutondevyagize… n'ibirori, ya -yarabikuyeho gusa, ariko ivyerekeye kugarukana MpwemuYera mw'ishengero nk'uko vyari biri ngaha,ivyo nta vyo yakoze. Oyaye, mushingantahe. Yari indwano ya politike kure yokuba indwano ya mpwemu. Yari politike aho kuba Mpwemu Yera. Mpwemu Yera ntiyaribwinjire mw'Ishengero. Oh, bene Data, ntiyari bwagaruke! Ygarutse ngaha, atari hariya.

82 Kwabaye rero uguharanira cane ivya politike, atariuguharanira Ivyanditswe vyera na -na Mpwemu Yera. Ryari isiganwa rya politike ryatumyeakuraho koko utwibutso tw'umusaraba, na za « Mwaramutse Mariya », n'ivyo vyose. Ariko n'aho vyari uko yarasohoyeigitabo c'ikatikisimu. Yarashizeho kandi n'ibi… mbega vyitwa ngw'iki ? Ya misayo gutanga amasakaramentu canke ibindi ntazi bakora iyo bagiye hariya mugitondo ca Pasika hanyuma pasitori akabipfuriza « Noheri nziza, »murabizi. « Ntiyongere kubabona gushika kandi kuri Noheri, » niko yavuze, murabizi. Ivyo…oh, imisay'ikonfirima -ikonfirimasiyo, ni co nagomba kuvuga. Barahamagara abantu kugirababahe ikonfirimasiyo, bongere babahe isangira ryabo rya mbere banahabweikonfirimasiyo. Nta kintu nk'ico c'ikonfirimasiyo kibaho. Ikonfirimasiyo imwegusa ivugwa muri Bibiliya, ni igihe muri-muri Bibiliya, ni igihe Imana yemeza Ijambo ryayo mu kuriherekereshaibimenyetso n'utwumiza. Iyo ni yo konfirimasiyo, atari ukwemeza ko umuntu abayeuwo mw'ishengero ry'Abaluteriyano. Ni Imana yemeza Ijambo ryayo muri mwebwe. « KandiUmwami yari… yakorana na bo, » yemeza Ijambo ryiwe mu bitangazavyariherekeza » Mariko 16. « Kwemeza ijambo n'ibimenyetsobirikurikira. » Iyo niyo konfirimasiyo yo mw'Ishengero rya Pentekoti. Iyo niyo konfirima-…Ni Imanayemeza ko ari Yo Mana Nzima, ikora ibitangaza mw'ishengero, mu kuvuga mu ndimi,ugusobanura indimi, no mu gukora vya bintu nyene bakora ku ntango.

83 Mbega ndiko ndabaruhisha cane ? [Ikoraniroryishuye riti : « Oya. » -Umw.] Ni vyiza. Nimurabe neza rero ko batagarukanye rya kanguro rya MpwemuYera, bazanye ikindi gihe c'ishengero. Bagarukanye amasigarira y'abacitseinzego z'ubutegetsi bw'i Roma maze babashira mu nzego z'ubutegetsibw'abaporoti. Ni co kintu conyene bakoze. Bahungiye imvura mu muvo. Ni -ni ivy'ukuri. Ni ivyo koko.

Yezebeli yavyaye umwanaw'umukobwa. Kandi ntimwibaze ko ivyo ndabivuze kugira ngo -ngo nigireumunyabwenge, ndabivuze kuko ari Bibiliya ibivuga ! Bibiliya, mu Vyahishuriwe Yohana 17, ivuga ko « yarinyina wa ba maraya. » Yesu ngaha avuga ati : «Azomera nka nyina Yezebeli ».Yezebeli yavyaye abakobwa bahumanije i -igihugu kitari gihumanye. Rero ico nyene ni co abaporoti bakoreye Mpwemu w'Ukuriw'Imana, baravyanduje kandi babigiramwo irindi dini. Kuri ivyo nyene, Imanaibishatse ku w'iyinga mu gitondo nzobereka ko -ko -ko bakoze igishushanyo ca ca gikoko, kandi ko icogikoko ari Roma. Uko ni ko bakoze igishushanyo gisa n'ico. Cari igiki ? Idini !Oh, nibaza ko ibi vyinjira bigashika i bwina mu mitima y'abantu.

84 Mwokwibaza igituma mu buzima bwanje bwose namye ndwanya amadini nivuye inyuma ; na jewe ubwanje nta vyo nari nzi ! Ariko cariikintu kiri muri jewe casemerera, kandi sinashobora kuvyihanganira. Igihe cose,kandi ni mu buzima bwanje bwose, nama nibaza igituma nakurikirana cane abagorenk'uko ? Murabona ? Ubuzima bwanje bwose. Atari vy'uku-…nshakakuvuga…singomba kuvuga abagore nyabo ;

ngomba kuvuga abagore bategerezwakuba abagore nyakuri, murazi, ariko bacitse ibitabanga n'ibindi. Murabizi. Aboni bo… hariho Ikintu kanaka muri jewe.

Igihe nari umwana muto, hanyuma nkabona umwe muribene abo bagore aciye mw'ibarabara, yaborewe, akwegana n'uwundi mugabo,abantuze babo…kandi umugabo wiwe akaba ari ku kazi muri uwo mwanya …hanyuma uwo mugabo akamufata ukuboko, bagaca bagenda n'amaguru kugira ngo inzogazimuveko gushika aho ashobora gutegurira imfungurwa umugabo wiwe. Nacaniyumvira ko n'urusasu bokoresha mu kumurasa rwoba rupfuye ubusa ! Ni ivy'ukuri! Navuga ko iyo bakoze ivyo baba barutwa n'ibikoko. Igihe nari mfise nk'imyakacumi n'indwi canke cumi n'umunani, mbonye u -uymukobwa aciye mw'ibarabara, naca nca ku rundi ruhandeniyumvira nti : « Ehe iyo nzoka y'inyanyi inuka ! » Murabibona ? Ku vy'ukurinari ntanguye kubazinukwa ! Ariko maze kwakira Imana mu mutima wanje,yaramenyesheje ko na hariya ifiseyo abantu b'igikundiro beza, kandi ko ifiseabakobwa bayo b'abagore babushitse vy'ukuri. Bose ntibiyanduza nk'uko, Imanaihabwe icubahiro !

85 Igihe nari muri Afrika, mu Buswisi, i Roma, bamabambaza iki kibazo ngo : « Tubwire mwene Data Branham, mbega nta bagore bigenzaneza mufise muri Amerika ? Mu ndirimbo zose zidushikira zivuye hariya, hamaharimwo ikintu kibi ku bagore. »

Narishuye nti : « Abo ni Abanyamerikakazi. Arikoturafise ubundi Bwami hariya, ni Ubwami bw'Imana, kandi aho, abagore ni abapfasoni ijana kw'ijana.» Ni ivy'ukuri !

86 Bibiliya iravuga mu -mu bavugishwa n'Imana, ivuga iti…, umenga niigice ca 5 canke ca Yesaya, sindabizi neza, hoba ari mu gice ca 5 canke ca 6hariya avuga ku vyerekeye « Hahiriwe umukobwa w'i Siyoni, azohunga kuri uwomusi agacika ivyo bintu vyose ! » Barya bagore bagendagenda mu mabarabara,amashesheti bayazingiriye ku birato n'amaso y'ubweruzi bakagenda bikumagurank'uku, bakora ivyo bintu vyose. Neza na neza nk'uku nyene bakora uwu musi, ukonyene neza. Bambara impuzu z'abagabo, ivyo na vyo ni ikizira mu Nyonga z'Imana.

87 Narabonye umugwi umwe w'abantu basenga, haraciyeigihe gito, bariko bitegurira kugira intuze'… ubwoko kanaka bw'umusi mukuru bamabagira buri mugoroba, abagore bose bahinjira bari bambaye udupataro bakinanaurukino rwitwa goro-… canke, mbega bene utwo dupataro batwita ngw'iki ? Atariamakabutura, ni izindi ? Ego, ni bene ya mabutura y'abasiganirwa ku makinga. Canke ibintunk'ivyo hariya. Bose ku… bakeneye gusunikwa n'ipedari, neza cane ; mweneData, ni ikibaho gifise ubwaguke nk'ubu. Uko ni ukuri. « Ped » bivuyemw'ijambo risigura « uwugendesha amaguru. » ni ukuvuga« n'amaguru yawe, » kandi ico nico neza na neza bakeneye. Uko niukuri.

Ariko, oh, mwovuga muti : « Nibaza ko bibereyeumugore kwambara uko kuruta aho yokwambara ijipo. »

Imana ivuga ko « ari ikizira mu nyonga zayoiyo hagize izina mukobwa yambarana n'izinamuhungu… » Kandi iyo umugoreyimosheje umushatsi nk'umugabo… Imana igomba ko umugore amera nk'umugore,akambara nk'umugore, kandi agakora nk'umugore.

88 Kandi ntigomba umugabo afise imishatsi miremireirekera nk'uku, akagira imishatsimyinshi ku buryo womenga n'imbata iri ku mutwe wiwe nk'uku. Igomba ko umugaboasa n'umugabo. Ego, mushingantahe. Bambara nk'abagore ku buryo utanakimenya ko ariabahungu canke abakobwa ! Bi -birateye akagongwe kubona abo batabanga n'ivyo vyosetubona uyu musi ! Ntibitangaje kubona turi mu misi y'iherezo, nta kintugisigaye muri ino si kiretse ivyo Imana itegerezwa gusukako uburake bwayo mazeikabiturira. Nta bindi. Imana Yera kandi igororotse nta kundi yokora.

Barasuzuguye amaraso yaYesu Kristo ! Biyeguriye imitegekere! Binjiye mw'idini! Kandi uwa kera… datakanaka mweranda wa kera n'intuze yiwe…umusore wa kera n'idebure ihindukijwe,yaraje arababwira ati : « Bane banje bahezagiwe. » Ivyo nta co vyoba birushijeuko vyovugwa n'ingurube.

Ndababwire, ico dukeneye uyu musi ni ugusubira kuri Bibiliya na Mpwemu Yera,mwene Data, maze ubushobozi bwa Kristo yazutse bukanyengetera mw'ishengero,bukora ibimenyetso, utwumiza n'ibitangaza. Amen ! Ubwo ni bwo butumwa bwiza ! Egome.

89 Vyazanye…rero…Ego, uko ni ukuri, nico vyakoze.Iryo -iryo -iryo kanguro ryarazanye ibintu vyiza, iryo kanguro. Arikontiryazanye Mpwemu Yera. Mpwemu Yera ntiyarungitswe imbere y'igihe caLawodikiya, mu gihe ca Pentekoti. Ariko hari ikintu cakozwe. Iryo kanguroryakoze vya bintu yavuga ati : « Ukomeze ibisigaye bigira bipfe, ubishimangire,uvyongereze. » Murabona ?

Ryarasubije abantuuburenganzira bwo kwisomera Bibiliya. Igihe ca Luteri cagarukanye umwidegemvyowo gusoma Bibiliya. Baciye biyubakira ihinguriro ry'ibitabo hanyuma batanguragukwiragiza Bibiliya kw'isi yose. Imana ihezagire Abaluteri kubw'ivyo !Ego, mushingantahe. Barasubije Bibiliya mu maboko y'umunyeshengeroasanzwe ; yari iya padiri wenyene. Ntibategerezwa no kuyiraba ; kukoariko papa yari yaravuze, nawe akaba yari imana ; kubw'ivyo ico yavugacose, carumvirwa.

90 Kubw'ivyo rero, ikanguro ry'Abaluteriyano, icobari bakeneye kwari «ukubikomeza». Mwebwe ubu murafise Bibiliya mu minwe, nimuyisome rero! Nimuyizere!

Ntimuyirekere kuri etajeri ngo muhezemuvuge muti : «Erega turafise Bibiliya» Ivyo ntaco bizobamarira zimanitsengaho. Hariho Abaluteriyano benshi cane muri Pentekote ya none bashira Bibiliyaku ruhande maze bagahagarara ku vyo uyundi muntu avuga kuri Yo. BeneData, nimusome Ijambo! Yesu yavuze ati : «Nimusese Ivyanditswe kuko ni vyobinshingira intahe!» «Kuko mugira ngo muri vyo ni ho mufise ubugingobudashira.» Ico mukwiye gukora ni iki : Gusoma Ijambo!

Yavuzeati : «Nimwumire kuri Ico, intuze… ntimureke ngo bibacike.»

91 Kandi ikindi kintuagomba ko bumirako, bari bagifise inkomezi nkeya zisigaye muri bo, wari… Ikintukigira kabiri, iryo kanguro ry'Abaluteriyano ryakoze, kwabaye ugushira ahabonainyigisho y'ugutsindanishirizwa. Abakatolika ntibemeraivy'ugutsindanishirizwa ; kuri bo, ni ishengero Katolika.

Ninka wa mupatiri yavuga ati : «Nta handi hari agakiza atari mw'ishengeroKatolika !» Agakiza kari muri Kristo ! Ntikari mw'ishengero ry'abaporoti.Agakiza kari muri Kristo ! Ariko Abakatolika bizera… Ntibitaho ico Bibiliyaivuga. Igifise akamaro kuri bo ni ico ishengero rivuga. Murabibona ? Nta nakimwe rero mushobora kubabwira, kuko ata buryo buhari -ata buryo buhari bwokuvugana na bo. Nta na kimwe bagomba kwumva. Barifitiye… Bazobabwira bisunzeivya Katikisimu yabo canke ikintu nk'ico ; maze utanguye kuvuga ivya Bibiliya,ba -bagaca bayishibura : « Igikuru niico ishengero rivuga .»

92 Yesu ubwiwe yarabivuzeko ati : « Kandi ni hagiraumuntu azokwungurira kuri yo canke ngo akureko, Imana izomukura ku mugabane waca giti c'Ubugingo. » Yesu yavuze ati : « Umuntu wese aboneke ko ari umunyabinyomananje ngaragare ko ndi Umunyakuri. Ijuru n'isi bizokurwaho, ariko Ijambo ryanjenta co rizoba. » None si vyo? Aho ni ho bihagaze vyose bene Data.

Ndizera Ijambo ry'Imana! Ni ivy'ukuri ! Kandi siiri Jambo gusa Imana yavugiye hariya,ariko ndasaba kandi Data wo mw'Ijuru ngo ampe Mpwemu Yera kugira ngo yemeze iriJambo, kugira ngo Kristo abe muri jewe. Aho rero ni ho nca menya ko mfiseUbugingo budashira; atari uko ndabibereye, ariko namba yarabumpaye, nikubw'ubuntu bwiwe. Urwo ni rwo rwa rutare. Yavuze ati : « Kuri urwo rutare,nzorwubakako ishengero ryanje. »

93 Ni uko, ugutsindanishirizwa. Ni vyizacane. Bari bamaze gushiraho ikintu batari bakwiye kureka ngo gipfe, ico nacocari uko, bari baronse Bibiliya mu ntokekandi. Ni co Abaluteriyano bakoze. Ikindi na co, bararonse inyigishoy' « ugutsindanishirizwakubw'ukwizera. » Ni co Luteri yigishije ; bose barazi ko iyo yariyo nyigishoyiwe. Ugutsi-… Ntimubona ingene ivyo vyose bitunganye ? Hanyuma haje Wesleyazanye ukwezwa, hanyuma hanohakurikira Abapentekoti bazanye umubatizo wa Mpwemu Yera. Mu buryo butunganye neza. Rero jewe…

94 « Ufise ibintu bike, bifate ubigumye gurtyo ntubireke ngo bipfe.N'utavyumirako, nzoza nihuta nk'igisuma, kandi uzoca usubira ubwo nyene mumadini. » Neza na neza uko ni ko bakoze : Ni yobasubiye ! « Uzoca usubira ubwo nyene ku vy'Abanikolayiti, kuko wasubiyemw'idini ! Uraba maso ! Bandanya gusoma Bibiliya. Ugumye ugutsindanishirizwa,kandi kugume gukora igikorwa ! » Ariko hariho umugwi muto w'amasigarira wasohotse. Umugwi muto w'amasigarira.

Uwa mbere amaze kuza, ari we Luteri;haje kandi Zwingli ; no kubandanya, Calvin; no kubandanya, n'abandi,gushika kuri Wesley. Ariko hariho umugwi muto w'amasigarira wasohotse ngahowigisha Ukwezwa. Hanyuma mu kwezwa havuyemwo umugwi muto w'amasigarira wabandanijeno muri Mpwemu Yera. Murabona, ayo masigarira make, mu nzira yose, bazigamaIvyo -Ivyo bikaguma ari bizima. Vyiza cane.

95 Ariko, ikigira gatatu, baje basohokanye imigirwa n' inyigisho nyinshi vy'igipagani,hamwe na vyo, nk'amadini, umubatizo w'ikinyoma. Baciye batangura kubatizabacucagira amazi ku bantu n'ibintu nk'ivyo kw'Izina rya Data, Mwana na Mpwemu Yera. Bazanyeikatikisimu. Koko bari… koko barahuje neza n'iryo zina…n'intuze…ico Yesu yavuzehano ati : «Uvugwa k'uri muzimaarik'ur'uwapfuye.» Ni ivy'ukuri. Neza cane.

96 Ubwa kane, ni ivy'ukuri ko ubugorozi bwakuyeho vyinshi mu mihango yabo myizaitunganije neza na -n'imigirwa n'ibindi, ariko iryo hinduka ryarananiwe mw'ishengeron'igarukanwa ryo kuzana ubugorozi, ntiryashoboye kugarukana inyigishoy'Ubutumwa Bwiza bwuzuye buherekezwa n'ibimenyetso. Ishengero ry'Abaluteriyanontiryigeze ribikora. Ivyo ntavyo ryigeze rironka ; kandi ivyo ntibigezebabironka no mu gihe ca Wesley. Ivyo vyashitse gusa ku mpera y'iki gihe caLawodikiya.

Nitwabigerako, tuzoca tugaruka ku Vyanditswe kugira tubereke ingenevyasezeranywe. Ntibari bafise…ntibagarukanye rya kanguro rya Mpwemu Yera.

97 Barateye ibitugu ibigirwamana ; barahaye umugongo ibigirwamana, uko ni ukuri. Barafasheibishushanyo babita hanze y'ishengero : Mariya, na Yosefu, na -na Petero, na Paulo n'abandi bose. Barateyeibitugu ibigirwamana ariko ntibahindukirira Kristo yazutse. Luteri yabakuyeinyuma y'ibigirwamana ariko aca abajana mu kintu casa n'ivya politike canke-canke idini canke ishirahamwe,

kugira bace bakora gusa irindi dini(igishushanyo gisa n'ica mbere) kandi bagerageza kuruta iryo rindi biciyemw'idini.

N'ubu baracabandanya urugamba. Abametodiste baracipfuza ko… Ababatiste boseboba Abametodiste. Abaluteriyano bipfuza ko Ababatiste n'Abametodiste bose bobaAbaluteriyano. Abapentekoti bipfuza ko Ababatiste, Abaluteriyano n'abandi bose,boba Abapentekoti. Murabona, ivyo ni ukwongereza gusa abanywanyi mw'idiniryanyu. Ariko iyo si yo yari integuro y'Imana kuva mbere. Integuro y'Imanakugira ngo ishumbushe, ni ukugarukana ivyariho mu ntango.

98 Nimwihweze hano ! Kuzura ico! Hamwe iki gitabo cokorokera hasi hanyumangatora ikindi gitabo nkagishira mu kibanza caco, ntikwoba ari ugushumbusha,ukuzuka; nkwiye kugarukana ca kindinyene! Amen! None rero namba ishengero ryarapfuye mu gihe c'umwizaw'umuzitanya kandi rikaba ryacitse iry'igipagani ryose guhera ngaha, gushumbusharero, intuze…Ubugorozi ni bwo bufiseintumbero y'ukuringaniza ukundi gusha. Ariko ukugororwa n'ukuvuka ubwakabiri ni ibintu bibiri bitandukanye. Murabona? Bagarukanye ubugorozi,bitandukanye n'ibigirwamana vyinshi cane n'ibindi; ariko ntibagarukanye MpwemuYera mw'ishengero. Oh, Izina ry'Umwami riragahezagirwa! Bene Data, bashikibacu, mbega ibi murabitahura? Ntibigeze bagarukana Mpwemu Yera kuko uwugarukanavy'ukuri Umuco w'Ubutumwa bwiza…Nimwiyumvireneza rero ubu. Uwuzana Umuco w'ukuri w'Ubutumwa bwiza ni umumalayika w'irishengero hano. Ivyo tuzobibona kuw'iyinga.

99 Naho bagiye baronka umuco mwinshi, bo n'umuco w'Abakristo, ntivyabujije ko bacabasubira mw'idini. Ariko hazoza uwuzorirwanya. Ego, mushingantahe. Kandi nk'ukontakekeranya ko mpagaze aha havugirwa ubutumwa ni ko azonyiganyiza amasigarirayaho. Ni ivy'ukuri! Kandi azosubira neza na neza kw'itanguriro. Nzofataimirongo yo mw'Isezerano rya Kera na Rishasha kugira ndabereke ko umumalayikaw'ishengero rya Lawodikiya azokora ivyo, ni vyo. Ubwo nyene azoca asubira kuntango maze agarukane ivyo bintu, azosubira neza na neza ku c'inkomoko maze yongere azure iki bushasha.Kandi ukuzuka kuzoza mu gihe c'iki hano. Ni ukuri.

100 Ariko Luteri yaranyiganyije hanyuma asohora ishengero, abari bacitse kw'icumu.Abacitse kw'icumu, intambwe ya mbere, ukwe-… ugutsindanishirizwa. Abacitsekw'icumu, yashinguye ikirenge kimwe mu vy'ubupagani. Ni vyiza cane.Ubukurikira, bikwiye ko ibirenge vyose bija hanze. Nta kindi.

Ni nka kumwe… Mbega mwarabonye muri Bibiliya ko hariho -hariho amazi yatembaazanana mu Rusengero? Hanyuma aravuga ko yabonye amazi amugera ku mavi, hanyumaamugera mu rukenyerero; hanyumaubukurikira, aramurengera. Ariko amaze kumurengera, vyabaye ngombwa ko aronderaingene yoga. Murabona, vyabaye ngombwa ko yoga.

Ubu rero, turiko turegereza aho ata bundi buryo bugishoboka atari ukwoga cankeugusoma nturi. Nta kindi. Ivyo bizobasomesha nturi hanyuma bibatwareubutakigaruka canke bitabaye uko, bizobinjiza. Gurtyo rero, ni ukwoga cankeugusoma nturi! Aleluya! Oh, ndanezerejwe n'uko hariho Mpwemu Yera! Mweho?

Nezerejwe n'uko nd-umwe muri bo.

Nd-umwe muri bo…(Bande abo? Atari ibi, birya, canke biriya, na biriya.)

...rejwe n'uko nd-umwe muri bo ; (Aleluya !)

Nd-umwe muri bo, ndi umwe muri bo,

Nezerejwe n'uko nd-umwe muri bo.

101 Mbega si amajambo meza? Nimwumvirize :

Bari bakoraniye mu cumba co hejuru,

Bose basenga mw'Izina ryiwe,

Baca babatizwa na MpwemuYera

Ni ho Ubushobozi bwo gukora

Bwababamanukako;

Kandiivyo yabakoreye kuri urya musi,

Azobigukoreranawe.

Nezerejwen'uko nd-umwe muri bo.

Oh,nd-umwe muri bo, nd-umwe muri bo,

Nezerejwen'uko nd-umwe muri bo; (Aleluya!)

Nd-umwemuri bo, nd-umwe muri bo,

Nezerejwen'uko nd-umwe muri bo.

Mbega baciye baja mu maseminari? Oya. Bamwe muribo ntibari bazi no kwandika amazina yabo. Ni vyo. Petero ntavyo yari azi.Bibiliya ivuga ko atari umunyabwenge kandi atari yarize, we na Yohana. Arikovyabaye ngombwa ko abantu babatega yompi, kuko bari bazi ko bagendanye na Yesu.

Naho abo bantu batari barize kwimenyekanisha (Abize.)

Canke kwiratira ivyubahiro vy'isi ("Oh, Imana ishimwe,mfise ibi n'ibi vyinshi.")

Bose barahawe Pentekote yabo,

Babatijwe mw'Izina rya Yesu;

None ubu baratangaza hose ko Ubushobozi bwiwe

Budahinduka;

Nezerejwe n'uko nd-umwe muribo.

Oh, nd-umwe muri bo. Nd-umwemuri bo,

Nezerejwe n'uko nd-umwe muri bo;

Nd-umwemuri bo, nd-umwe muri bo,

Nezerejwen'uko nd-umwe muri bo.

102 Mbega ivyo ntibibanezereje? Ndanezerejwe cane no kuba umwe muri bo! Noshima kuba umwe muri boaho kuba ikindi ico ari co cose. Oh, noshima kuba umwe muri bo aho kuba umukuruw'igihugu ca Leta Zunze Ubumwe za Amerika canke kuba umwami w'isi yose. No…Hamwe Umwami Yesu ubwiwe yomanuka akambarira ati : «Ngira ndagusubize ku myakamirongo ibiri kandi ndakugire umugenduzi mukuru, umwami w'isi yose, nzoguhaimyaka ibihumbi cumi yo -yo kuba kw'isi,kandi uzogumana imyaka mirongo ibiri, ntuzokwigera urwara n'umusi n'umwe,ntuzigera urwara umutima, uzokwamana umunezero gusa,uzoba umwami w'isi yose,kandi uzobaho imyaka ibihumbi cumi; canke se mbega ushimye kuba umwe muri bo,hanyuma uce ubandanya urwana nk'uko ubikora ubu?»

Nokwishura nti :«Ndanezerejwe cane no kuba nshoboye kuvuga ko ndi umwe muri bo!» Mbega imyakaibihumbi cumi iheze hoba iki? Ariko ivyo ni Ibihoraho! Vyagenze gute, ga mweneData? Oh, vyaciye mu Maraso. Ni ivy'ukuri. Vyaturutse kure, kandi vyazanywe n'Imanayambaye umubiri hanyuma ibana na twe:

103 Mu bwato bwuhira kera, ndazikwari ukuri,

Havukiy-uruyoya ariwe mukiza

Yohana yamubonye ku ruzi

Yamweretswe ar-umwagazi.

Ewe Kristo Yesu watubambiwe.

Oh,ese ukuntu nkund-uwo Munyagalilaya

Kuko yankoreye vyinshi!

Yarampariye ivyaha

AnyuzuzaMpwemu Yera :

Es-ukuntunkund-uwo

Munyagalilaya

Yashizeahabon'ivyaha vya wa

mugoreaho kw'iriba

(Ukoyar'ejo ni kwo akiri n'uno musi kandi ni ko azokwama ibihe bidashira)

Abagabobatanu yari yarigeze;

Yarahariweivyaha, aca aronka amahoro

Ati«Nimuze murabe uno Munyagalilaya!»

Oh,Es-ukuntu nkund-uwo Munyagalilaya,

Kukoyankoreye vyinshi.

Yarampariy-ivyaha,anyuzuza Mpwemu Yera;

Es-ukuntunkund-uwo Munyagalilaya.

Umutozakoriumusi umwe yaragiye gusenga

Atabaz'Umwamiasab-imbabazi

Yarahariw-ivyaha, aca aronka amahoro

Ati: «Nimuze murabe uno Munyagalilaya!»

Ivyo ndabikunda. Mweho?

Ikimuga caratambutse n'ikiragi kiravuga,

Ivyo vyamamajwe mu rukundo;

N'impumyi yarahumutse, ndazi ko ari ukuri

Izoni imbabazi gusa z'Umunyagalilaya.

Nimuyiririmbanenanje:

Oh, ese ukuntu nkund-uwoMunyagalilaya

Kuko yankoreye vyinshi!

Yarampariye ivyaha

Anyuzuza MpwemuYera :

Es-ukuntunkund-uwo Munyagalilaya

104 Mbega ntimubukunda? Ubu Butumwa Bwiza bwa Mpwemu Yera, ohndabukunda! Ndabukunda n'umutima wanje wose. Kandi ndanezerejwe cane n'ukubamparurwa muri bo kuri uno mugoroba kandi tukaba dukoranye nka bene Data nabashiki bacu. Ababatiste, Abametodiste, Abakatolika, Abaperesibiteriyanon'abandi, Imana yadukuye mu nzira zose z'ubu bugingo hanyuma ituzana aha muriuku gufatanya kwiza cane kuva kuriMpwemu Yera. Ntituri mw'idini na rimwe, ivyo akora birayaraba, ariko tweho turimu Bwami butaboneka. Twabatirijwe na Mpwemu Yera mu mubiri utaboneka wa YesuKristo. Mwaba Abametodiste, Ababatiste, Abaperesibiteriyanocanke uwundi uwo ari we wese, nimwinjire!

Yesu yavuze ati : «Abo Data yampaye bose bazozakuri jewe, nta n'umwe azozimira, kandi nzobazura ku musi w'imperuka.» Oh, bagenzi!Kera twahora turirimba akaririmbo kamwe ka kera turi imbere y'igicaniro, sinziko uyu musi twoshobora kwongera kukaririmba ! «Ndafise ikibanza kuri ya Soko» Murakunda utwo turirimbo twa kera?Nihagire uwukaduterera, umuntu azi ingene gatangura. Umwe atuvugiriza inangaari hehe? Mbega ari hano? Canke mwene Data Teddy canke uwundi wese hano? Bo? Oh, bagenzi, si -sindamubona na hamwe.

Ikibanza, ikibanza,ego,

Hariho ikibanza,

Urafise ikibanza kuri ya Soko; Ikibanza,ikibanza, ego, Urafise ikibanza kuri ya soko.

105 Murakunda utu turirimbotwa kera ? Ndakunda n'iyi kandi:

Nitegerej'Umusaraba,

UmweYesu yadupfirako

Ahoni ho natakambiye

Ngw'az'antabare

Yes'Umwam'ahimbazwe(Izina ryiwe ry'igiciro!)

Oh,Yesumwami…

Duhumirize maze tukaririmbe.

Nih'amarasoyankoreye

Kumutima wanje

Iman'ishimwekukw'inkiza

Inkomeziz'ivyaha vyose

VyatumyeYes'angereramwo

Nzamamushima

Yes'Umwam'ahimbazwe(Iryo Zina ry'igiciro!)

Yes'Umwam'ahimbazwe!(Izina ry'igiciro!)

Nih'amarasoyankoreye Mu mutima wanje.

Ubu rero mu gihe turikoturaririmba agace gakurikira, ramukanya n'umuntu ari imbere yawe, inyuma yawecanke i ruhande yawe.

Ngw'ino kw'isoko nini nziza

Ca bugufi wa murushwa we

Shika ku nyundo z'Umukiza

Ngw'agutunganye!

Yes-Umwam-ahimbazwe (Iryo zina ry'igiciro!)

Yes-Umwam-ahimbazwe

Nih-amaraso yankoreye

Ku mutima wanje.

Oh, ivyo ndabikunda. Namwe?

Yes-Umwam-ahimbazwe

Yes-Umwam-ahimbazwe! (Izina ry'igiciro!)

Nih-amaraso yankoreye ku mutima wanje.

Oh, bagenzi! Ndanezerewecane kubw'ivyo. Mweho? Ndanezerejwe cane no gushobora kuza kuri iyo Sokoy'amazi menshi kandi adasuma, maze ngaterera umushaha wanje mugorwa ku nyundoz'Umukiza.

106 Ndibuka igihe kimwe, nari nkiri umusore w'imyakanka cumi n'umunani, ndiko mpunga Umwami. Naragiye mu Burengero. Nashaka… Datayari umuntu agendera ku mafarasi nanje nagomba kuja hariya kubiza amafarasi. Cariikintu mfitiye inzara mu mutima wanje. Oh, ndabibabwiye!

Naragiye kuraba umuvugabutumwa umwe w'Umubatiste,arambarira ati : «Haguruka uvuge gusauti : 'Yesu ni Umwana w'Imana,' hanyuma duce tukwandika mu gitabo.» Ivyontivyamaze inyota.

Aho naja hose umuntu kanaka… Naragiye kurabaumuventisi w'umusi w'indwi, umuntu ameze neza, mwene Data Barker, mwene Datamukundwa; yarambariye ati : «Billy, ingo hanyuma wemere isabato y'Uhoraho.»(Ubu ndayifise.) Ariko yavuze ati : «Umusi w'isabato». Nca ndibaza nti : «Oh,bagenzi, n'ivyo navyo ntibiraba vyo." Murabona.

107 Hanyuma naciye nja mu Burengero, hanyuma ndibwira…Nja hariya kure cane kuri uwo mugoroba,twariko turegeranya inka. Murazi, bafata igitako n'igunira batekeramwo ibintu,bakabishira hasi vyose hanyuma ico gitako bakagikoresha nk'umusego. Muri iryojoro nari naryamye munsi y'igiti c'ipinusi. Naragira ku murango, abakoramw'ijoro nabo bari bagiye kugarura inka. Aho hari umuhungu yitwa «Slim» yavamuri Texas, yari afise i -igitari ngahoariko aracuraranga ngo :

Yesu Umwami ahimbazwe !

Hari uwundi muhungu yariafise igisokozo n'urupapuro, maze agahuhiramwo. [Mwene DataBranham ariko araririmba adasohora amajambo ngo : «Nitegerej'Umusaraba! -Umw.] Bari bamye baririmba izindi ndirimbo, ibicubavy'abungere, hanyuma batangura kuririmba «Nitegerej'Umusaraba»

Oh! Naciye mpindukira nca nitwikira uburengeti nk'uku. Nararangamije hejuru, wamengainyenyeri

zururutse ziri hafi ziri ku masonga y'ibiti n'ay'imisozi. Muguhungabana kw'ivyo biti vy'amapinusi, narashobora kumwumva ambarira ati :«Adamu, uri hehe?»

108 Haciye indwi hafi zitatu inyuma y'ivyo,naramanutse mu gisagara, abagenzi banje bose baranywa baraborerwa, ariko jewe,sinanywa inzoga. Kandi uko biri kwose inyuma y'ivyo nategerezwa kubakoranirizamu modoka maze nkabasubiza i muhira. Ivyo birangiye, baciye basohoka hanyumabatangura kurasana ku mano, bongera bagira izindi nkino ziteye ubwoba zimezenk'uko. Hanyuma baca baca umurongo ugororotse maze bahigira amadolari atanu kuwari gushobora kuwugenderako atumbereye kandi batari banashoboye no kugenderamw'ibaraza batumbereye nk'uko, murazi. Mu gihe baba bahembwe uko ni ko bakora,igihe cose bafise amahera.

Jewe, nari aho hagati y'izo mborerwa zose, mazenkaja ku ruhande. Naribwira nti : «Bagenzi, bagenzi!‟ Ndibaza ko hoba haciyenk'imyaka mirongwitatu n'itatu ivyo bibaye, imyaka mirongo itatu n'itanu. Niyicariraku ruhande. Ico gihe Phoenix kari kakiri agasagara gatoyi gusa, mu kujayo bacai Weckenburg. Nari niyicariye aho na ya nkofero yanje nini iraba inyuma, ni hohaca haza umwigeme w'Umunyesupanye, araheza aca imbere yanje, hanyuma akororeraagatambara hasi, murazi. Nca ndamubwira nti : «He, urataye agatambara kawe!»Sinari nitayeho ivyiwe.

109 Naciye numva akaruru kavugiye epfo umanukanye ibarabara,nca nerekezayo. Aho hariho umuhungu umwe yari yakijijwe avuye hariya mu bizu vy'amafarasi;yari afise inkovu z'uruherehere mu maso, kandi amosozi yariko aratemba kumatama yiwe, yariko aravuza igitari, aririmba ngo :

Yes'Umwami ahimbazwe!

Oh, bagenzi! Amosozi atemba mu maso, acaarahagarika maze avuga ati, “ Mwene Data, ntumenya ivyo ari vyo kugeza uronseuyo Kristo w'igitangaza.”

Izina ryiwe rihimbazwe!

Naciye nsubiza inkofero yanje ku mutwe ncandagenda! Oh, bagenzi! Ntimushobora kumwinyegeza. Vyoba vyiza muje hanyumamukamwatura. Oh, Erega ni Uw'igitangaza! Ego, ni ko ari.

Iman'ishimwekukw'inkiza

Inkomezi z'ivyaha vyose VyatumyeYesu angereramwo Nzama mushima.

Yesu Umwam'ahimbazwe

Yes'Umwam'ahimbazwe Nih'amarasoyankoreye Ku mutima wanje.

Ngwino kw'isoko nini nziza

Ca bugufi wa murushwa we; Shikaku Nyundo z'Umukiza, Ngw'agutunganye.

Yes'Umwami ahimbazwe…

Uburero reka twunamike imitwe yacu, maze tuduze gusa ibiganza :

Yes'Umwamiahimbazwe (Ahimbazwe, ahimbazwe !)

(OMana !) (Izina ryiza !)

Nih'amarasoyankoreye ku mutima wanje.

110 Imana ihabwe icubahiro!Ubu rero duhaguruke. Oh, akanya gato, nimurindire.

[Mushiki wacu umwe avuze mu ndimi, mwene Data umwearatanze insobanuro -Umw.] Ego, Mwami.

Ni uko,ni haba hariho uwutazi ivyo ivy'ari vyo, ibi ni Pentekoti, ni Mpwemu Yera arikoaravuga. Yesu yavuze ati : «Mugende muje mu bihugu vyose, mubwire abaremwe boseubutumwa bwiza… Kandi ibimenyetso bizokwama biboneka ku bizera ni ibi :bazosenda abadayimoni mw'Izina ryanje; bazovuga indimi nsha, bazofata inzoka;ni banywa ikintu cica, nta co kizobagira na gatoya; bazorambika ibiganza kubarwaye, bakire.» Ivyo bintu vyose yavuze bizoshika.

Oh, ndanezerewe cane. Murabonaingene Mpwemu Yera aza kwemeza Ijambo? Umuco, nimuwufate, nti - ntimuwukekeranye.Nimuwakire gusa na wo uzobitaho nka kurya bitaho umwana kandi uzobaduza. Mbegaukwo si ukugira neza kwa Mpwemu Yera? Ni Mpwemu Yera kuri twebwe.

Ndibuka igihe kimwe muri Bibiliya, aho abantubatari bazi aho ico kintu kiri buzanane, umwansi yariko araza; ariko MpwemuYera yaciye amanukira ku muntu umwe nk'uko, hanyuma amubarira neza na neza ahobategerezwa kuja. Baca bajayo, maze Imana ica iteza ukutumvikana muri izo zindingabo gurtyo ica ituma bahunga isabagire. Niivy'ukuri.

Oh, turacari mu bihe vya Bibiliya, si vyo ? Amen. Imisi yose, igihe cose Mpwemu Year azoba ari ngaha.

111 Oh, duhaguruke turirimbe :

Izina ry'Umwami Yesu…

Mwibuke ubu Butumwa

Ni ryo ryokuremesha

Mu magorwa yawe yose Rijan'ah'ujahose.

NiIzina ryiza pe (Izina ryiza pe),

Baryizigiremw'isi,

N'Izinaryiza cane,

Barishimemw'ijuru

Izina ry'Umwami Yesu

Niryo nkinz'ikomeye

IyoSatani aguteye

TabazaYesu vuba ! (Imana ihimbazwe)

Ni izina ryiza pe (Izinaryiza pe),

Baryizigiremw'isi

N'Izina ryiza cane (Izina ryiza pe) Barishimemw'ijuru.

112 Nimwumvirize iki gitero.

Izina ry'Umwami Yesu

Ni ryo nkinzo ikomeye

Iyo Satani aguteye,

Tabaza Yesu vuba

Oh, twongere tukaririmbe.

Izina ry'Umwami Yesu

Niryo nkinzo ikomeye

IyoSatani aguteye

TabazaYesu vuba.

Ubu rero twunamike imitwe yacu :

Ni Izina ryiza pe (Izinaryiza pe),

Baryizigiremw'isi,

N'Izinaryiza cane,

Barishimemw'ijuru

NiIzina ryiza pe (Ese ingene ari ryiza cane!)

Baryizigiremw'isi

Ni Izina ryiza cane Barishime mw'ijuru.

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7